# Noshobora Nte Kunesha?

Jeffersonville, Indiana, USA

25 Myandagaro 1963 Mu Gatondo

1 Reka twunamike imitwe yacu kubw'amasengesho.

Data wacu, turagushimiye kano gatondo, kubwa kino gihe gihe gihambaye co kwongera gukoranira hamwe, no kuzingurura Ijambo ry'Umwami, iri rirambitse hano imbere yacu. None—none hamwe n'amasengesho aka kanya, Mpwemu Yera aze kurifata rino,rikaba ari ryo Mana, maze ariduhereze, ku buryo tuza kuva muri kino kibanza cogusengeramwo imitima yuzuye umunezero. Tubone ubushobozi bwawe buhambayebubohora, Mwami, ukuntu bubohora imbohe buzihe kwidegemvya, buduhe kumenya"ivyabayeho, ibiriho, n'ibizoza." Kandi turagushimiye gusa kubw'ibi bintu.

Turagusavye ngo Uze kuduhezagira mu gihe twigira hamwe Ijambo ryawe kano kanya.Hanyuma nitwataha, reka bize kuvugirwa mu mitima yacu, mu gihe tuzoba tugeze munzira, ngo: "Imitima yacu yagurugumbwa imbere muri twe igihe We, Mpwemu Yera,Yavugana natwe mu nzira."

2 Hezagira umukozi w'Imana wese uyu munsi, ahantu hose, abakozi bawe bahagarariyeIbi, Ukuri kwawe. Niwishure amasengesho yabo ku barwaye. Kiza imibiri irwayey'abo bababaye.

Mwami, turasaba ngo unyuragire mu bantu maze urondere urubuto rwatoranijwehiyo, Mwami, maze uruzane, mu buryo kanaka, kugira Umuco umurike mu nzira,Mwami. Kuko twizera yuko igihe carengeranye, izuba ririko rirarêngēra muburengerazuba, aho rero vuba hazoba ari "nta gihe kizoba kigihari." Igihen'Ibihe Bidashira biriko birafatana mu gihe Imana iriko iranywana n'abantu.None turasavye Mana ngo ico gihe, ngo tuze duharurwe mur'abo bazonywanira muriKristo, bamwe bitwa Umugeni wiwe.

Uyumunsi Udufashe mu gihe twitegura, tutazi ico ejo hazovamwo, ariko turiteguriyekwakira buri kintu Mwami, uko tubizi, ivyo Udufitiye. Turiteguriye kuvyakira.Dusavye iyi mihezagiro kubw'Ubwiza bw'Imana, mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

Murashoborakwicara.

3 Mu vy'ukuri nanezerewe kano gatondo igihe ninjira maze nkabona abantubakoraniye hamwe kubw'igikorwa c'Umwami. Kandi turatanga amatangazo kubw'uyumugoroba, yuko haza kuba igikorane co gusengera abarwaye. Turaza gusengeraabarwaye, uyu mugoroba. Mu kanya gaheze, ba…

Igihe nari ninjiye, umuhungu wanje Billy, yavuze ati: "Hariho u—umugabo hano,umuntu w'umugorwa yaje n'imodoka avuye kure cane." Avuga ati: "Na—naciyendamushikiza muri ca cumba, dawe."

4 Ejo hahise na—naracerewe, kandi si—sinashitse aho niga bihagije ku cigwa cokuw'Iyinga nari ngiye kuvugako kano gatondo. Rero naciye ntora ivyo nanditsenakuye mu vyo numvise Mwene Data umwe avuga, hanyuma mur'ivyo nkuramwoigisomwa, kugira nse n'uwukuramwo icigwa c'ishure ryo ku w'Iyinga ca kanogatondo, no mu gihe turiko turitegurira igikorane co ku mugoroba.

Rero Billy yaciye avuga ati: "Hariya hariyo umuntu arwaye." Avugaati: "Ni—ni—nibaza ko woja kumuraba." Nuko nca ninjira mw'ico cumba ako kanyanyene. Ni ho naca nsangayo Mwene Data umwe anyababa mu myaka yicayeyo ari kumwen'umugore wiwe. Hanyuma Mpwemu Yera aca aratumanukamwo ubwo nyene mw'ico cumba.

Nimwibazegusa, nkivuga gusa igikorane c'ugusengera abarwaye, ng'Uyo aba Yamaze gushika.Murabona? Aca abwira uyo Mwene Data ivyo yari yarakoze vyose, n'ivyo yarikoarakora, n'inyanduruko y'ingorane ziwe, n'iyo yaje ava, n'ibimwega vyose.Hanyuma aho hariho igitutu c'umwijima cariko kizungeta mw'ico cumba. Ni ho hacahatangura kuboneka umuco, urushiriza kugwira, uragwira, uragwira, maze MpwemuYera aca avyifatira mu minwe.

5 Ubu nibaza k'uwo muntu ari mu…ahantu kanaka hariya inyuma. We n'umugore wiwe kumburentibashoboye kwinjira mu nyubako, ariko bavuze yuko baza gusigara uko vyogendakwose, kubw'igikorane. Bava hiyo ruguru, mu micungararo hafi ya Yakima,Washington, baje n'imodoka bava hiyo. Kandi ni umusuku w'Ubutumwa Bwiza.

Ariko kubonagusa ubuntu bw'I—bw'Imana ng'aho! Aho, uwo mugabo yari yaragiye mu kigo kandibaramuha imiti n'ibindi vyose. Mpwemu Yera ahishura ivyo vyose. Mu gihe kumbureabaganga băgerageje cane gukoraibishoboka vyose, kubw'uwo mugabo, ariko vyasavye gusa ako kantu gato gakora kuMana, kugira ngo umugozi ufunduruke. Kuvura ububabare ni vyiza, ariko birasa nk'ahoari ico twokwita "urusase mu mwijima," murabizi. Wewe, birashoborakukugira mubi cane, murabona, kubera ko uca wibagira ibintu vyose wigezekumenya, iyo baguteye uwo muti. Ariko Umwami Imana, mbega ubuntu bwiwen'imbabazi ziwe! Kandi imbere yuko ndanavuga ijambo na rimwe ryo kumusengera, vyarivyamaze kurangira. Murabona? Vyasavye gusa ikintu runaka c'Imana, ukwo gukorakorunaka, kugira ngo kubikore.

Ibi sinari nkwiyekubivuga. Ego. Ndashobora kuraba hariya, nkabona uwo mugabo kano kanya. Emwe,sinari nzi nimba wobikoze uyu munsi, canke utobikoze.

6 Hiyo epfo murika karere hamwe nahora mw'iyi ndwi; nda—nda—ndakunda abagenzi banje babayo. Niuburuhuko buto imbere y'ivyo bikorane bihambaye, murabona. Rero naje muhira, ncemanuka hariya nce nja guhiga imihare hamwe n'abo Bene Data. Kandi uyu muryango,iyo miryango nako, abo tuguma hiy'epfo, mu vy'ukuri ni abantu beza. Kandi uwo mugabo,Mwene Data nyawe, ni abagenzi.

Kandi umwe muri boni umuhigi akomeye akunda guhigisha imbwa. Kandi arazuzuranye hiyo ruguru. Kandi—kandinarabonye akabwa gato keza cane iy'epfo, akabwa gato, ni co nise hafi:"igice c'imbwa ihagurutse n'imbwa zibiri ndende," murabizi, karikokariruka kazunguruka inzu ng'aho. Niyumviriye nti: "Bagenzi, burya Joe ntiyoryoherwaaronse ikintu nk'ico!"

7 Kandi birumvikana,hariya muri Arizona, ntushobora kuyikoresha. Yoca ija mu makakitusi, kandi ivyovyoca biba iherezo ryayo. Ni ho naca nibwira nti: "Ntushobora kuyironka. Hariyanta mbwa bakoresha, muri kariya gace k'igihugu. Impamvu, bo, emwe, ntazo bashoboragusa gukoresha. Bashobora…na none, ikirere, u—ukuntu igihugu kimeze hamwe n'amakakitusi,zoca zipfa." Hanyuma, kweri, umuhigi uri hanze, a-impyisi, cyangwa ikindi kintucyamwica, wenda, uko byagenda kose, aramutse asohotse.

Rero ni ho uyomugabo yambwira ati: "Urashobora kuyironka." Ariko si—sinari nshoboye kuyijana.Na—nayikunze. Mu nyuma ni ho naje kumenya yuko yari imwe mu mbwa akunda.

8 Uyu mugaboafise umugore muto mwiza hamwe n'abana bato. Rero ejo bundi, uwo mugore yarikoarasubira inyuma n'imodoka yiwe, kandi yari afise iyi modoka ya Oldsmobile. Hanyumaiyo mbwa nto ni nka ndende gusa, ikibunda. Aca arayifyonyora. Iyo Oldsmobile yaratumbereyeiyo mbwa nto, inyuma yayo hano, iyifyonyorera hasi, aho amabuye yo mw'ibarabarayari amaze gufyonda mu nda hayo aha hepfo gurtya, murabizi; Hanyuma uwo mugoremuto, aho kugira ngo yirukane imbwa nto mu buvuzi bw'ibikoko…kubera, umugangayari guhava ayiryamika ako kanya, akayica. Murabona?

Hărihóuwundi musore twări kumwe. Akimara kuhashika,yavuze ati: "Iyaba iyo yari imbwa yanje, naca ndayirasa." Yavuze ati:"Ni ivyo gusa. Kuyireka ibabare gutyo?"

Navuze nti: "Oya,reka ntuyirase." Navuze nti: "Reka turindire gato."

Bose ncandabegezayo, nca ndagenda ndayisengera. Iyo mbwa nto yaciye inkurikira kw'ibaraza.Na we, yego,… Murabona? "Ivyo mushaka vyose, nimwasenga, mwizere ko mugihawe; muzokironka,mugihabwe." "Vyose." Uwo ni Umwami Imana yacu, si ko? Ni Uw'igitanza candimwiza. Kandi mu vy'ukuri turamukunda, muri iki gitondo; kandi turamwiteze, kanditurazi…

9 Ejo bundi narabonye ababiranye ba kera, umugabo n'umugore b'abanywanyi beza cane b'iri—irikoraniro ry'abizera. Kandi umudamu, yewe, ndakeka ko ari hafi gushikana imyaka ijana,kandi papa na we nyene n'uko. Kandi imyaka igera kuri cumi n'ibiri uyo mugabontabwo yigeze ahinduka; ku mugongo, aguma gusa ahagaze neza. Canke, ntashoborakuryamira urubavu rwiwe, canke si vyo. Ari ng'aho kumara imyaka cumi n'ibiri. Arisaziyegusa. Kandi umuvyeyi ubu bari hafi kunganya imyaka, ndakeka, bari hafi gukwizaijana, uwo mutama w'umugorwa ari hafi gutakaza ubwenge. Yiyumvira yuko hariho umuntuariko aramutwara ivyo afise vyose.

Kandi naravye…hakuryay'ameza, twese, abato n'abakuze, bicaye ng'aho. Ndabaza nti: "Turiko tuja hehe?Turiko dukora iki?" Hanyuma umukenyezi twabana ico gihe, uwo yari nyina wiwe nase wiwe. Ndavuga nti: "Na we uriko ujana iyo nzira. Ni ukuri, umwe wesemuri twebwe." Murabona?

10 Nimuvyibazekoakanya gato, imbere yuko dutangura icigwa cacu. Aho ni ho muriko muragana. Urikourwanira iki? Urashobora rero kubaho. Ni igiki ubereyeho? Urashobora rerogupfa. Mbega ntikwoba ari ukuba imburabwenge bikabije hamwe tutemeye ivyo Imanaitanga kubw'Ubugingo Budashira? Ni igiki twoshobora kwiyumvira? Ni igiki—ni igikigishobora kuba mu vyiyumviro vyacu, cokwega ivyiyumviro vyacu kuva…ku bintu vyose?Bite se ubaye utunze imiliyoni ijana z'amadolari, ukaba ufise reta ya—yaIndiana, canke iyindi reta yose, canke mbere n'igihugu, canke, mbere wanashaka n'isiyose?

Urabahoigihe gihagije, gusa na we utegerezwa gushik'aho. Murabona? Kandi buri gihe, ukoiminsi igenda iyindi iza, umwanya wose umutima wawe uteye, uba uriko ugendaubutarariye utumbereye kur'ivyo. Murabona? Wewe, nta ntsinzi yawe. Uri kuruhande rw'ugutsindwa, kandi, wewe, utegerezwa gutsindwa. Ariko wibukeisezerano, ngo: "Uwuzobura ubuzima bwiwe kubwanje azoburokora." None,ni ubuhe butunzi woronka busumba Ubugingo, nubwo woronka isi yose ikaba iyawe?Ariko, iyo u—iyo uronse Ubugingo, uba uronse ikintu gihambaye cane gishobora kuronkeka. Ndashaka ku…

11 Kano kanya mpejeje i bubamfu bwanje nongera kubona uwundi munyago w'ubuntu bw'Umwami.Amaja mu mayinga makeya aheze, narahamagawe kuri terefone. Kandi umunywanyimwiza w'iri shengero, canke uyu mubiri…Sinshaka kurivuga cane nk'itorero. Nsha—nshshakakuryita,i…

Nk'ukonariko ndavugana n'abantu bamwe, barambajije bati: "None, ur'uwo mu riheshengero?"

Ndabishuranti: "Jewe sindi mu…"

"Ur'uwomu rihe dini?"

Nti:"Nta na rimwe."

Barambazabati: "None, uri mu biki?"

Ndabishuranti: "Mu Bwami."

Ubwami! "Kandi kubwa Mpwemu umwe twabatirijwe kuba muri ubwo Bwami." KubwaMpwemu umwe, twese, muri ubwo Bwami! Yesu yavuze ati: "Musenge murya: 'Ubwamibwawe buze. Ivyo ushaka bibe kw'isi, nk'uko biba mw'Ijuru.'" Noneho, umunsiumwe Yarahagaze imbere y'Umusozi wo Gukayanganirako, Aravuga ati: "Ndababwiraukuri yuko bamwe bahagaze hano, batazohonja urupfu, batabonye ubwo Bwami bujemu bushobozi." Vyarerekanywe imbere y'igihe, nk'uko twabivuzeko, wa Musozi woGukayangana. Kandi Bibiliya ivuga ngo: "Ubwami bw'Imana buri muri mwebwe."Noneho, aba ni abantu bo mw'ubwo Bwami bavuga ko aha atari iwabo. Aha si iwacu.Turindiriye Ukuza kw'Umwami, atsimbataze ubwo Bwami.

12 Nahamagariwe ikintu cari cihutirwa, kuri Mwene Data w'umu—w'umutama yambereyenka papa. Rero we…Ntabwo nari maze igihe kinini ndamumenye, ariko ndibukaumunsi namujanye hano kubatizwa mu mazi. Kandi uwo muntu vuba azoba afiseimyaka mirongo icenda n'umwe. Rero umugore wiwe mwiza cane yarampamagaye, kandikubera we ari umuforomakazi, yarambwiye ati "Umutima wiwe kari kabaye." Uretsen'ivyo, yari afise…Ôo, sinibuka ingene vyitwa…Indwara y'umutima. [Mushiki wacuavuze ati: "Coronary."—Umw.] Indwara y'umutima yo mu bwoko bwa Coronary. Murakoze. Indwara y'umutima yomu bwoko bwa Coronary, no kunanirwa kw'umutimakwuzuye. Muganga nta vyizigiro yabona na gato. Uwo muntu yari ku mpfiro, aca arampamagara.

13 Naciye nurira muri Ford yanje ya kera, maze ntangura kuduga mfataibarabara rija muri Ohio, uko nshoboye, ariko sinamenye yuko rimwe mu mapineyanje ryavuye ku murongo, nca ndarikuramwo. Noneho rero, ndahaguruka ng'aho, mvuyekwuzuza kuri stasiyo, hari nk'isaha zitanu, nari mpangayitse kubwiwe, nda—ndamukunda.Kandi ndazi, hamwe—hamwe bibandanije, Umwami niyateba, emwe bitebe bitebuke, tuzozaturagenda umwumwe.

Ariko rero ivyo ntibizobuza Izamurwa. Murabona?Oya. Abo ni bo bazobanza kuza. Bafise amahirwe, abo băgīye.Ni bo bazobanza kuza. Murabona? Murabona? "Twebwe abazoba bakiriho dusigayegushitsa ku kugaruka kw'Umwami, ntituzokwitangira imbere y'abazoba basinziriyena gatoya. Inzamba y'Imana izovuga; maz'abapfiriye muri Kristo ni bo bazobanzakuzuka. Noneho igihe amaso yacu azobonera abacu, uwo mwanya tuzohinduka, mukanya gato, mu kanya nk'ako gukubita urugohe, maze duce duteruranwa na bo." Murabona?Abo babanza kugena bafise amahirwe arenze abakiriho.

14 Nkiva kuri stasiyo, isaha zitanu, Mpwemu Yera arambwira ati: "Ntuhagarike umutima kubwiwe. Uzosubirakuramukanya nawe mw'ibarabara, kandi azoza kw'ishengero," umuntu w'imyakamirongo icenda n'umwe, ari ku mpfiro.

Igihe nahura n'umugore wiwe n'abakundwa biwemu bitaro vya Lima, barambwiye ingene amerewe. Narinjiye, ndamuraba. Yavuzeati: "Ariko ni ikintu kidasanzwe." Yavuze ati: "Ya—yatanguye guhinduka amera neza,isaha zitanu." Emwe, kandi nogira…Umwami yari yareretse abo bantu ibintu vyinshi,barazi ko ntabivuze. Kubera ko, ni bo batanguye kumbwira ngo: "Yatanguyeguhinduka." Bari bazi ko nobabwiye ukuri.

Rero, kuw'Iyinga uheze, mu gihe nari ngiyemuri Blue Boar Cafeteria i Louisville, aho nibaza ko hafi mirongo umunani kw'ijanavy'iri koraniro bahahurira ku w'Iyinga ku muhingamo, kuhafungurira, ni nde nagiyembona ariko aramanuka mw'ibarabara? Ndababwire, umutima wanje warakangutsembonye Mwene Data wacu Dauch ariko aramanuka mw'ibarabara, neza na neza bimwenyene Yambwira. Twararamukanije kw'i—kw'ibarabara.

15 Ni ho na—nagaruka hano ku mugoroba wo kuw'Iyinga uheze maze nigisha ku cigwac'ukunywana, c' Igihe c'UkunywanaN'Ikimenyetso. Noneho…Rero ivyo vyazanye ivyo gushika, nk'uko Yavuze. Noneari hano yicaye mw'ishengero uyu munsi, aha nyene kumwe natwe, nk'umunyago w'ubuntubw'Imana. Igihe yazunguza ikiganza musi y'ihema, rya hema ripompwa n'inguvuz'umuyaga iy'epfo, navuze nti: "Mwene Data Dauch, uzokira umere neza. Nzosubirakukubona mu rusengero. Ivyo, iyo ni NI K'UHORAHO AGIZE." Murabona? None ng'uyuhano yicaye mu rusengero, hano nyene aka kanya, Mwene Data Dauch.

16 Nimba ntihene,wa mukozi w'Imana nariko ndavuga, mu mwanya muto uheze, Mpwemu Yera yinjiyeahishura ivyo vyose; amubwira ingene vyagenze, amubwira ivyo yakoze; uko vyagenze,ingene bishika, ivyariko biraba vyose kuva ico gihe, mbere n'ingene umuryangowiwe umeze, hamwe n'ibindi vyose bijanye n'ivyo. Hanyuma Aramubwira ati: "Vyarangiye."Kandi uwo mukozi w'Imana yicaye aha nyene, i buryo. Mwoshobora gukiriza ukubokokwanyu, ga mushingantahe? Ng'uyo, we n'umugore wiwe, neza, aha nyene.

Hanohicaye Mwene Data Dauch, hano nyene. Ôo, bagenzi!

Mbega si Mwiza? "Ivyabayeho, ibiriho, hamwe n'ibizoba." Umwe, babiri, ibishingantahebitatu. "Ivyabaye, ivyo wakoze; ibiriko biraba ubu; n'ibizoba." Kandi burigihe, bihuye neza, neza na neza n'Ijambo. Imana yonyene ni yo ishoborakubikora. Ôo! Mbega ibi bintu turabinezererewe?

17 Ubu rero, impanvu nariko ndafata umwanya muto w'inyongera, Billy yategerezwakuja kuzana umugore wiwe n'umwana. Rero yari yambwiye ati: "Papa, ntutangure kuvugaubutumwa ntaragaruka." Rero, ndi—ndibaza ko ubu yagarutse. Kandi ntegerezwa kugirauwo mwanya munini, uko vyogenda kwose. Kandi ndagerageza kureka aya masaha aney'umunaniro mwese nabashize hano, nkabikora iminota mirongo itatu n'itanu,mirongo ine, murabona, kandi ngerageza kubibandanya.

Ubu rero, naravuze igihe kimwe i Chicago. Nageze ku minota mirongo itatu, cankeikintu nk'ico, iminota mirongo itatu n'itanu. Hanyuma kuw'Iyinga uheze kumugoroba vyabaye iminota mirongo ine n'itanu gusa. Billy yavuze ati: "Mu vy'ukuriuriko uratera imbere, papa. Numva ndakwishimiye, kubw'ivyo."

Emwe kumbure muri iki gitondo, kugira ikimeze nk'ishure ryo kuw'Iyinga, sinzakubagumya umwanya munini. Rero muraza gurashobora gusohoka mugafata imfungurwazo ku murango, mugasenga, hanyuma mukagaruka uyu mugoroba kubw'igikorane cogusengera abarwaye. Turaza gukora umurongo w'amasengesho uyu mugoroba maze dusengere abarwaye.

18 Ubu rero, nimba har'abantu uzi na bamwe aha mu micungararo, ahantu hose,barwaye kandi bashaka gusengerwa, muze kubazana hano uyu mugoroba. Murabona? Nimbaari ngombwa ko ubazana, uko biri kwose, urabazana ng'aha. Murabona? Ico ni cokintu ca nyamukuru, ni, kubazana hano uyu mugoroba. Twese turaza gukoranirahamwe. Ubwo ni bwo buryo…Biragoye guhamagara, kugenda uva aha uja aha; nonehousize umwe, haca habaho inyiyumvo zikomeye. Ariko hamwe ushoboye kubashirahamwe bose, mw'ico gihe ndashobora kubasengera. Rero nimba muza…Nimba abantu bashakagusengerwa, bara… Uragira uti: "Bari bubikore?" Ôo, ata nkeka. Baraza gusengerwa.Mubazane. Umwami niyabishaka, tuza kuba hano, tubasengere bose. Kubera, ndumvayuko wa Mukwego wa Gatatu uriko uratangura gukora, murabona, i—imbere murijewe. Na—na—nanje nshaka gusengera abantu bose.

19 Noneho reka tuzinguruuri, muri iki gitondo tuje mu Vyanditswe vya kera tumenyereyeaho natoye nihuta mw'ijoro, maze gusinzira vya nyavyo, mbona kwandika ibindi Vyanditswebikeya vyo kujana. Kandi ni kubifata nko kwuzuzanya. Igihe kimwe narumviseMwene Data umwe akoresha iki gisomwa. Hanyuma nariyumviriye…Naciye ndacandikaahantu. Nariyumviriye nti: "Emwe, ndibaza ko novyandika ahantu, kukobishobora kuzokenerwa."

Ivyokenshi turabikora. Ndabona, benshi muri mwebwe hano, murafise impapuro. Umukoziw'Imana arashobora kuvuga ikintu kanaka, hanyuma ico kintu ki—kikagukorako,ikintu kanaka kikagukubita imbere muri wewe. Rero nimba ari Mpwemu Yera abaariko akora ivyo, noneho uzoca utangura kwubaka uheye kw'ico kintu nyene,ubutumwa bw'Umwami. Kandi ivyo ni vyiza cane. Ndamaze kubona mu bikorane, aho ujahose, uvuze ubutumwa gusa usanga abantu bariko barandika ahantu. Ivyo ni vyizacane. Tu—turi hano, ico ni co tubereye hano, ni kugerageza gufashanya mur'izinzira.

20 Kano kanya reka tuzingurure IvyahishuriweYohana, igice ca 3, mu Bihe vy'Ishengero, dusubiremwo Igihe c'Ishengero. Arikoubu turi…turi…hano. Ego. Nshobora gufata iki gisomwa kimwe, hanyuma hamwe na MpwemuYera, nkacigishako imyaka ijana ariko sinigere mbona ibiri muri co. Kubera ko,mur'iki gisomwa kimwe, co kimwe n'ibindi bisomwa vyose vya Bibiliya, vyosebifatanirijwe hamwe.

Kandinshaka gufata umutwe w'icigwa, muri iki gitondo, w'ibi: Noshobora Nte Kunesha? Rero, nahisemwo uwu kuko nibaza ko ar'igihetutagomba kureka Mpwemu w'ikanguro ngw'apfe. Dutegerezwa kubandanya ikanguro, ikanguroubudahengeshanya, buri munsi. Paulo yavuze ko yategerezwa "gupfa burimunsi, kugira ngo Kristo ashobore kubaho." Rero ntidukwiye kureka ngo ikanguroripfe muri twebwe.

Kanokanya, Ivyahishuriwe Yohana, igice ca 3, maze duhereye ku mirongo ya 21, dusomaibi:

Unesha nzomuha kwicarana nanje mu ntebe yanjey'ubwami, nk'uko nanje nanesheje nkicarana na Data mu ntebe yiwe y'ubwami.

Uri n'ugutwi niyumve ico Mpwemu abwira amashengero.

21 Mwabonye ingene ivyo bintu bi—bitondetse? Murabona? "Azokwicarana nanje muntebe yanje y'ubwami," si "ku ntebeyanje y'ubwami." "Mu ntebe yanjey'ubwami," aho ni mu bwami bwiwe. Murabona? Kandi ng'aho, kubera—kuberaKristo ari We Aganza, Uwuganza kw'iyo ntebe y'ubwami muri iki gihe, w'ubwamibunengesereye bw'Imana, ni ko Ishengero rizoba riri kumwe na We, Umugeni azobaari kumwe na We, ku ntebe yiwe y'ubwami, mu bwami bwose. Murabona? Si "ku ntebe yanje y'ubwami," ahubwo ni"mu ntebe yanje y'ubwami," murabona,aho ubwami bwiwe bugera. Intebe y'ubwami iri hejuru y'ubwami, kandi —kandi ubwamibugera aho imbibe zabwo zigera. Kandi ubu bwami buva mu Bihe Bidashira bugashikamu Bihe Bidashira. Nimuvyiyumvireko gusa!

22 Ubu rero, mu gihe twiga ibi, intego yanje y'ibi si kuza hano ku—kugiraniraisangira n'abantu. Ivyo

nkaba nkunda kubikora. Ariko hamwe—hamwe ngize amahirweyo kubikora, nogusanga muhira iwawe, nkaguha ukuboko nkaganira nawe, hanyumankicara, tugasangira; hanyuma tukicara musi y'igitutu c'igiti, hanyuma tukaganira,tukagiranira isangira gato.

Arikoiyo tuje hano, turi hano kubw'intego imwe yihariye. Iyi ni inzu y'ikosorero.Iyi ni intebe y'ubwami. Iyi ni intebe y'ubwami y'Imana, kandi urubanza ruheramu nzu y'Imana. Kandi hano ni ho duhurira, tuhakoranira mu rukundo, umwen'uwundi, nk'uko Abakristo bonyene ari no bashobora gukunda. Ariko, imberehano, turi—turi musi y'ubu—y'ubu—y'uburongozi bwa Mpwemu Yera. Mpwemu Yera ari hagatiyacu. Kandi turi hano kugira ngo tube…kugira ngo twīrîmbūre, turabe aho ahantuhacu hato haherereye, aho dufise ivyo duhajije, hamwe n'ukuntu twoshoboragushika aho dutegerezwa kuba, n'aho twātegérezwa kuba turi ubu; aho turi, n'ahotwātegérezwa kuba turi. Kandi ivyo ni vyo tugira twigeko. Abakozi b'Imana bigeaho hantu, ku bantu babo. Iyo babonye abantu, ivyo bahajije, noneho bace baheraaho nyene.

23 Ubu rero, bidatevye, nibaza ko kumbure ishengero ryategerezwa kuba ririkoriratera intambwe gato riduga muri iki gihe. Sintegekanya kubikora muri ikigitondo, ngo nerekane ibi bintu. Ariko ni—nibaza, bidatevye, Umwami niyabishaka,imbere yuko twigisha kur'izo nzamba, ndashaka ku—ku—kuzanira Ishengero ikintu kanakamwategerezwa kumenya ubu, ndizera.

24 Ubu rero turiko turavuga kuri ibi: "kunesha." Iryo jambo kunesha,birumvikana ko muzi ico risobanura. Mutegerezwa kugira ico kunesha. Kandi iki Gihec'Ishengero Mpwemu Yera yariko arabwira hano, mu Gihe c'Ishengero rya Lawodikiya,nk'uko tumaze kubivugako, cări gikenewe gukankamirwa. Lawodikiya yategerezwa gukankamirwa,kubera ukuba sindabibazwa kwa—kwaco kuri Kristo. Iki gihe cari cataye Kristohanze, mu gihe cabo. Kandi Kristo yari hanze, agerageza gusubira kwinjira imbere.Urwo ni urukundo. Amaze gutabwa hanze y'inzu yiwe bwite, yariko ageragezakugaruka ngo yinjire, avuga ati: "Uwugurura, nzokwinjira iwe." Murabona?Ishengero, ubwaryo, muri rusange, ryari ryamutaye hanze.

Ariko ubu rero murabe neza. Umuhamagaro wiwe hano ntabwo ari kw'ishengero gusa."Uwuzonesha." Murabona? Ntabwo ari ishengero; uwo yoba we, murabona, umubiriw'ishengero. Ariko ni "uwuzonesha," umuntu azonesha ku gatwe kiwe, ubu.

25 Lawodikiya iramujeko. Noneho turabona rero, turazi ko iki ari co Gihe ca Lawodikiya,kandi turazi ko iki gihe gikeneye gukankamirwa n'Imana bimwe bikomeye. Kirakeneyegukankamirwa bimwe bikomeye. Kandi iyo abarongozi bacu b'amadini bashitse ahobaba aborosha ibintu kandi bakaba abataco banezwe, nk'umutama ashaje ku buzukurubiwe, ivyo bakora vyose biba bitunganye. Kandi ba…

Vyaravuzwe cane, ko Imana ari Imana nziza cane, gushik'aho bagerageza guhinduraImana umutama ashaje gusa ataco anezwe. Murabona? Ariko si vyo. Ni Data, kandiData w'ukugororoka, akosora. Kandi urukundo igihe cose rwama rukosora. Murabona?Urukundo rurakosora. N'ubwo vyoba bibabaza gute, ruguma rukosora.

Umuvyeyinyawe azokosora abana biwe. Umupapa nyawe azokosora. Murabona? Hamwe ubayeuworoheje ukaba sindabinezwe, ukabireka…

26 Ejo bundi nariko njabukira ku ngiga y'igiti gishaje, musi y'umugezi, cankeico bita umwobo. Hanyumansimbira kw'iyo ngiga y'igiti. Hanze, iyo ngiga yaboneka neza, yasa n'ingiga y'igitikinini c'umuzinga. Ariko igihe nayisimbirako, yewe, haciye hamanyukako igicekinini cayo, gica kirakoroka. Iyo ngiga yari yaraboze kandi yoroshe. Naciye mvuganti: "Uku ni ko Abakristo bariko baramera." Barapfiriye mu vyaha no mubigabitanyo, gihe kirekire, gushik'aho babungwa. Nta buremere bashobora kwihanganira, na gato. Nti—ntibaziico kunesha bisobanura. Ni ho naca ntangura kwiyumvira kur'iki gisomwa. Kunesha,kuzigamira Ubugingo muri wewe. Iyo ubuzima buvuyemwo, ni vyo vyashikanye iyongiga y'igiti kumera gurtyo. Murabona? Kandi vyarushirije kuba bibi igihe cose yari irambitseaho amazi yari.

27 Kandi rero ng'aho, ufashe Umukristo, uwufatwa ko ari Umukristo, ukareka Ubugingobw'Imana bukamuvamwo, hamwe n'ikimenyamenya, umunezero wo gukorera Kristo;kandi, akaba mw'ishengero aho ivyo bibera, abora incuro kabiri vyihuse, ni vyo,aba aho nyene musi yavyo.

Rero, nimba turiko tugerageza gukurikira Ubutumwa bw'Igihe, canke n'imiburiburiiki gice c'ubu Butumwa, twategerezwa kubaho mu Bugingo bwa Kristo ubudahengesha.Murabona? Kubera, nimba atari ko biri, urambaraye ng'aho, uzi ivyo wategerezwagukora, yamara ntubikore, Bibiliya ivuga iti: "Uzi gukora iciza, ntagikore,bimubera icaha." Noneho uhinduka uwabunzwe, ukabora, iyo utandukanijwe n'Ubugingo bw'Imana. Rero,haranira n'ibiri muri wewe vyose kuguma mu Bugingo bwa Kristo, kugira ngo ubashekwama ivyamwa.

28 Turabona iki gihe tubayemwo. Ni kimwe mu bihebikomeye mu bihe vyose. Iki Gihe c'Ishengero rya Lawodikiya kirahambaye cane mubihe vyose vy'Ishengero, kuko ni iherezo ry'igihe hamwe no kunywana n'IbiheBidashira. Kandi na none, ni igihe gikomeye c'ikinyavyaha. Hariho icaha muriiki gihe kuruta uko vyigeze kuba. Kandi ubushobozi bwa Satani buragoye kurwanyaincuro ibihentangabo vyinshi kuruta uko vyari bimeze mu gihe na kimwe. Murabona?

Hano, kera hariya mu bihe vya mbere, Umukristo yarashobora, kubera igikorwaciwe co kuba ishengero…co kuba uwa Kristo, yarashobora gucibwa umutwe. Yarashoborakwicwa, akava mu mibabaro yiwe, akaja guhura n'Imana, vyihuta.

Ariko ubu umwansi yarinjiye, yaje mw'izinary'ishengero, kandi ni ivy'uruhendo cane. Iki ni co gihe gikomeye c'uruhendo.Igihe, Kristo yarabivuze, ati: "Izo mpwemu zompi zobaye zegeranye cane mu minsiy'iherezo gushik'aho vyozimije n'Abatoranijwe iyaba vyari bishoboka." Murabona?Murabona? Murabona? Mwibuke, Kristo yaravuze abantu batoranijwe kubw'igihec'iherezo. Murabona? "Vyozimije n'Abatoranijwe iyaba vyari bishoboka."Ziregeranye cane! Abantu barababaho rwose, abantu barashobora kubaho ubuzimabwera, bwejejwe; atari abanyavyaha, abasambanyi, n'imborerwa, n'abanyabinyoma,abakina akamari. Barashobora kubaho hejuru y'ivyo, ariko no ng'aho bakabababatari kumwe na Vyo.

29 Iki ni igihe c'U—c'Ubugingo, Ubugingo bwa Kristo, aho, i—ibigize Umubiri wiwe, ivyarimuri We.

Ubwambere, mu gutsindanishirizwa, umubatizo wo mu mazi. Ubwa kabiri, musi y'ukuvukabushasha, kuri Wesley, kwezwa, kukaba kweza. Hanyuma ubugira gatatu, musi y'umubatizowa Mpwemu Yera, bigashira ico gikoresho ceranda mu gikorwa. Murabona? Iryo jamboukwezwa risobanura, ni ijambo ry'ikigirikirifise insobanuro y'amajambo abiri: "gusukurwa no gushirwa ku ruhandekubw'igikorwa," gushirwa ku ruhande kubw'igikorwa. Rero Mpwemu Yera ni weagishira mu gikorwa. Murabona?

30 Kandi turabona: "Iyo impwemu ihumanye ivuye mu muntu, ica ija ahantuhagadutse." Ivyo ni vyo koko ishengero ryakoze, Ababatiste, Abametodiste,abizera ivy'ukwezwa. Yesu yavuze ati: "Noneho, impwemu ihumanye isohotse, iragarukakw'uyu mubiri w'ishengero igasanga inzu yarasharijwe, isukuye neza, babayehoubuzima bwera, butanduye." Neza cane. "Ariko rero nimba iyo nzu ituzuye, ngo habehariho uwuyirimwo, mw'ico gihe ica ihagaruka iri kumwe n'abandi badayimoni ndwibabi kuyirusha, kandi ivyo hanyuma vy'aho hantu biba bibi ibihetangabo ndwikuruta ubwa mbere." Vyǎbāye vyiza kuguma uri Umuluteriyano, aho kwakira uwo Mucoukananirwa kuwukurikira. Ni ko bizogenda ku Bapentekote, murabona, murazi iconshaka kuvuga, inzu irasharije.

31 Mu gihe nariko ndaganira n'umuntu umwe, ejo bundi, yagize ati: "Baritondacane, mbere n'imirwi myinshi y'ubweranda, nta kuvuga Mpwemu Yera, ngo"Mpwemu Yera," kuko kwoba ari kwisanisha n'Abapentekote baramutsebabikoze. Bavuga ngo Impwemu Yera," murabona, mwirinde kuvuga, ngo "Mpwemu Yera."Kubera ko, Abapentekote, abantu muri rusangi, bamubuga gusa kumwe Bibiliyaivuga, "Mpwemu Yera." Ivyo, Mpwemu Yera hamwe n'Impwemu Yera ni ikintu kimwe.Ariko baravyitondera cane. Ntibashaka kwisanisha n'abo abantu bavuga mu ndimi; navyo bikaba ari Mpwemu Yera, ubwiwe. Murabona?

None haciye haba iki? Igihe umwansi, hamwebasohoka bari mu kwezwa, bogejwe, yaragarutse asanga inzu ituzuye Mpwemu Yera,ubu igisata c'ishengero carifatanije n'imihari y'amashengero, hamwe n'Inama y'Isiy'Amashengero. Kandi ni igisata ubu kiriko kirihuza na Katolika y'Abaroman'abandi bose, kandi ubu ni bibi incuro ibihetangabo ndwi kuruta kumwe vyari bimezeigihe yava mu Baluteriyano. Aho ni ho umuntu ariko arabijana.

32 Noneho raba Igihe c'Ishengero rya Lawodikiya kimaze kwakira Mpwemu Yera, hamwen'ubumenyi na Mpwemu w'Imana muri co, hanyuma kigaca gihakana ibikorwa vy'Imana,bakavyita "igikorwa ca wa mubi." Noneho tuvuge iki kuri ivyo? Hariho aho Kristoyaterewe hanze y'ishengeri ryiwe bwite. Murabona? We… Ntiyigeze amwereka mw'ishengerogushika ageze kuri Lawodikiya; ageze kuri Lawodikiya, Yari yashiburiwe hanzey'ishengero ryiwe bwite, ariko agerageza gusubirayo.

Noneho nimurabe, ugutsindanishirizwa ntikwigeze kumugarukanayo. Ukwezwa kwasukuyeikibanza gusa. Ariko igihe umubatizo wa Mpwemu Yera waza, wamushize mu bantu. Noneubu bamushiburiye hanze, aho atanguriye kwigaragaza, ko ari Wa Wundi nyene ejohahise, uyu munsi, n'ibihe vyose. Baciye bamuta hanze kuko bari bahindutse idini,kandi uyo—uyo Mpwemu w'Umwami ntiyemeranya n'idini ryabo. Kano kanyamurabitahura? Aho, baciye bamuta hanze. "Nta na kimwe dushaka guhurirakon'ukwo gusoma ivyiyumviro. Ni—ni ivya wa mubi. Niubupfuma. Canke…" Murabona?

Ntibatahura. "Bafiseamaso, ariko ntibashobora kubona; bafise amatwi, ariko ntibashobora kwumva." Murabona?Imana ihumura amaso gusa uwo Ishatse. "Ikomantaza uwo akomantaje, Ibishatse,kandi—kandi —kandi Iha Ubugingo abo Ishatse." Ivyo ni vyo Ivyanditswe bivuga.

33 Rero, turabonaibi bihe tubayemwo, uru rugero, kandi turabona ico vyǎrico. Kandi Mpwemu Yera ariko arakankamira iki gihe cǎmutāyehanze. Ariko, muri ivyo vyose, mwoba mwabonye: "unesha"? No muri icogihe cuzuye isi, kibi c'ishengero, "unesha."

Hano dusanga Imanayamye ifise abaneshi. Irafise abaneshi muri buri gihe. Hama hariho, igihe cose,mu bihe vyose vyabayeho kw'isi, Imana yamye igira umuntu ishobora gushirako ibiganzavyayo, nk'igishingantahe mw'isi. Ntabwo Yigeze Ibaho ata gishingantahe ifise, n'ubworimwe na rimwe yaba ari

umwe. Ariko harihoumuntu yanesha, na none, nka ba bera b'aho hambere.

34 Hariho u—umuntu mwiza cane, w'incabwenge, yariko aravuga, inyuma ya Ya MashasharaNdwi, yavuze ngo: "Mwene Data Branham, uri u—umunyabitutu, umuntu yigishaakoresheje ibitutu, nako,", avuga ati: "Ni gute mw'isi ugiye gushirairyo Shengero mw'Izamurwa ridaciye muri ca gihe c'Umubabaro, mu buryo bw'igitutu?"Yavuze…

Murabona,nimba ari igitutu, ni ngombwa ko haba hariho…hategerezwa…Nimba hariho nyen'igitutu,ni ngombwa ko habaho igitutu c'uwo nyene co. Kandiivyo mvuga vyose, ni ukuri, birafise ibitutu. Birafise ibitutu. Urafise igitutu.Kandi Bibiliya ivuga iti: "Ivya kera vyari igitutu ca bishasha bizoza."

Yavuze ati:"Ariko noneho mwafashe Isezerano rya Kera nk'igitutu." Noneho, ati:"Ugiye gukora iki n'iri Shengero?"

35 Uyo mugabo akomoka…Umuntu akomeye, umwarimu akomeye akaba ari n'incuti yanje magara,umuntu mwiza cane, kandi ni Mwene Data mwiza. Si—sinotinyuka kuvuga ijamborimwe ritari ryiza kur'uyo Mwene Data. Ntabwo nobikora, uko vyogenda kwose. Nka—nka…Nk'Umukristo, ntaco novuga kibi. We—we—ntabwoyemeranya nanje kuri ico kintu kimwe, ariko ni—ni Mwene Data wanje w'igiciro. Dufungurirahamwe. Kandi, yewe, ni umuntu mwiza pe. Mpora ntora ibinyamakuru vyiwe, nkasomaivyo yandika. Kandi arandika bimwe mu vyo mvuga, n'ibindi. Kandi narakuye ibisomwavyinshi mu vyo na—nasomye—nasomye mu vyo yandika, ivyo namwumvise avuga. Niumuntu akomeye, ariko nta—ntashobora gusa kwemeranya nanje. Ivyo ndabishima, ukwokuba imvugakuri kwiwe. N'ubwo atavyemera rero, si umuntu wojaniranya, ngo ahaveyemera ibintu vyose umubwiye. Arafise ukunyurwa kwiwe, kandi araguhagararira.Ivyo ndabitera amashurwe. Kandi ni umuntu mwiza. Ôo, je—jewe si ndi umwigishacanke incabwenge, habe na mba, ariko uyo mugabo ni umwigisha akaba n'incabwenge.

36 Ariko si—sinshobora kwemeranya na we, kubera ko ntabibona. Ariko, ntabwo bijanyen'agakiza, bijanye n'Ukugaruka kw'Umwami. We abona yuko Ishengero ritegerezwaguca muri ca gihe c'Umubabaro, kubwo gutyororwa. Nanje mvuga ko Amaraso ya YesuKristo ari yo yějeje Ishengero. Muraboba? Ntibikenewe…

Ndizerako ishengero rizoca muri ca gihe c'Umubabaro, ishengero ry'idini, ariko ku Mugenisi ko biri. Wohitamwo umugore bizoba ngombwa yuko umutyorora imbere yuko umurongora?Murabona? Umugeni wa Kristo yarahiswemwo, yaratoranijwe. Kandi ni Umugeniw'Imana, Umugeni wa Yesu Kristo.

37 Noneho yambajije ati: "Ni gute ivyo wovyerekana mu gitutu, nimba uwoMugeni agenda, azamuka imbere yuko aca muri ca gihe c'Umubabaro?" Yavuzeati: "Ndafise Ivyanditswe vyokwereka ko Ishengero riri mu gihe c'Umubabaro."

Naramubwiyenti: "Nusome gusa Ishashara rya Gatandatu, nta bindi, ari neza na neza mugihe c'Umubabaro. Ariko uravye, imbere y'ivyo, Umugeni aba yaramaze kugenda. Murabona?Mw'ico gihe we aba ari mu Bwiza. Si ngombwa ngo ace mu vyo gutyororwa." Murabona?

"Unyizera afise Ubugingo Budashira,ntazocirwakw' iteka canke ngw'ace mu rukinja, ahubwo aba yavuye mu rupfu akajamu Bugingo." Kristo yaratanze isezerano yuko tutokwigeze tunahagarara muri rwaRubanza. Rero Yangiriye mu gishingo avyigombeye, kugeza ndonse umwidegemvyowuzuye. Iyo mbabariwe, mba mbabariwe. Ni gute ashobora yonkura mu kigo mfitiyeumwenda, hamwe n'urupapuro nyemeza-buguzi rwerekana mu buryo butomoye ko atamwenda ngifise, nimba… Ni gute Yoshobora kuba Umucunguzi wanje, akankura mw'icokigo nari mfitiyr umwenda, hanyuma umudandaza w'aho akaguma avuga ko ntarariha?Ndafise urupapuro nyemeza-buguzi rwanditse, amen, murabona, rwandikishijweamaraso ya Yesu Kristo. Murabona? Noneho, muri ivyo, aho ni ho dushitse.

Yaciyeavuga ati: "None, ni gute ugiye kugira, gutandukanya uwo Mugeni yatoranijwe urikouravuga mw'aka kanya, ni gute uza kumwerekana mu gitutu?"

38 Nca ndamwishura nti: "Vyiza cane." Ndavuga nti: "Ng'ibi hano. Noneho, muriMatayo, igice ca 27 ku murongo wa 51." Nimba tu…

Rekandahasome, maze tu—tubone kubibona neza. Noneho turaza guca tubona nimba yarerekanywemu kigereranyo canke aterekanywe mu kigereranyo, nimba ari Umugeni yatoranijwe.Matayo, igice ca 27 na ku—ku murongo wa 51. Neza cane. Tuhasoma ibi, ku kubambwakw'Umwami wacu.

Igihuzu gikingiriye ahera cane h'urusengerogitantamukamwo kubiri, uhereye hejuru ugashitsa hasi;…

39 Noneho, ivyo vyari ivyagezwe. Ivyagezwe yarangiriye aho. Kubera ko, ico gihuzucabuza ikoraniro gushikira ivyera vy'Imana. Umuherezi yasizwe amavuta ni weyinjirayo wenyene, kandi ivyo vyaba rimwe mu mwaka. Muravyibuka? [Ikoranirorivuze riti: "Amen."—Umw.] Ubu rero, Imana, ikoresheje ukuboko kwayo bwite, nimurabenez: "uhereye hejuru ugashitsa hasi," atari uhereye hasi ugashitsahejuru. Ico

gitambara cari hejuru nko ku mametero cumi na. Murabe neza, siuhereye hasi ugashitsa hejuru, ariko ni "uhereye hejuru ugashitsa hasi," vyĕrekana ko vyări bíkozwe n'Imana. Ico gihuzu Yarakimanyuyemwo kubiri,hanyuma uhereye ubwo, umuntu wese, uwugomba wese, arashobora kuza gusangira naYo ukwera kwayo. Murabona? Neza cane. …

…uhereye hejuru ugashitsa hasi; isiiratigita, ibitandara birasaduka;

Imva ziruguruka, imibiri myinshi y'abera baribasinziriye irazurwa,

Bava mu mva amaze kuzuka, bashika mu gisagara cera,babonekera benshi.

40 Ng'abo Abatoranijwe, uwo Mugeni. Abagize ishengero ryose ry'Abayuda ntibazutsekirya gihe. Bose bătānga ikimazi kimwe. Bose bări musi y'amarasoyamennywe y'imyagazi y'intama. Ariko hariho Umurwi watoranijwe; kandi uwo Murwiwatoranijwe, ivyo bikimara gutangura kuba, bari bavyizeye rwose bivuye kumutima. Ubu rero ndaje kw'ijambo kunesha.Noneho ivyo mu bigumize ku muzirikanyi. Aba băȓi bâranêsheje koko, bătānga bimwe bivuye ku mutima ca kimazi nyene n'abandi bosebătānga,ariko, mu vy'ukuri, băranêsheje ivy'isi. Igihe impongano yaba ibatangiye muburyo bwiza, bărimuri paradizo kugeza aho…uhereye ubwo. Ico gihe kigeze, băribâranêsheje, bârīruhūkiye, básīnziriye; murabona, "imibiri myinshi y'ábări básīnziriyemu mukungugu," murabona, bări básīnziriye.

41 Noneho, iyaba twari dufise umwanya, twari gushobora gusubira inyuma kuriDaniyeli, igihe, Daniel, umwe yatoranijwe yanesha. Kandi Yamubwiye ati: "ZingaIgitabu, Daniyeli, kuko uzoruhukira mu mugabane wawe. Ariko igihe uwo Mwamiazozira, Umwe azohagararira abo bantu, uzohagarara muri uwo mugabane." Ng'ivyo.Daniyeli, uyu muvugishwa w'Imana, yarabonye igihe c'iherezo kiriko kiraza. Na Wearamubwira ati: "Daniyeli, uzohagarara mu mugabane wawe uwo munsi." Kandi hanoni ho yari, yarasohotse; atari Abisirayeli bose, ahubwo Umugeni-Gitutu wo muBisirayeli. Aho rero, Abisirayeli basigaye ntibazosohoka mu mva kugeza kw'izukarusangi.

42 Rero, ku Kugaruka kw'Umwami Yesu, abakunda vy'ukuri Ukuza kwiwe, abayehokubwakwo; niyaseruka mu kirere, rya Shengero ry'abapfiriye muri Kristo rizozuka,maze abo bace bahindurwa mu kanya gato. Abazoba basigaye nta kimwebazobimenyako. Mwibuke: "Bibonekera benshi mu gisaragara." Murabona? I—I—Izamurwan'uko nyene rizogenda. Tuzobonana, kandi tuzobabona. Abandi bose b'isi ntibazobabona.Bazojanwa mu kabanga. Ico gihe turakirindiriye!

Hanyumatuzogaruka kw'isi kubwa bwa Bwami bw'Imyaka Igihumbi bw'Ubwiza, hanyuma iyomyaka igihumbi…"Abandi bapfuye ntibongera kuzuka gushitsa inyuma y'imyakaigihumbi."

43 Noneho aho haca haza izuka rusangi, aho, Abisirayelibose…Kandi aho, nimurabe neza hano, za ntumwa cumi na zibiri, ba bakuramberecumi na babiri, bose bari baserukiwe. Ivyo ntiturigera tubivugako. Kumbure, Umwamiabishatse, tuzobishikira muri rya Sezerano, ukuntu za nkuta za yasipi, hamwe naya mabuye cumi n'abiri, ya marembo cumi n'abiri, za mfatiro cumi na zibiri, ivyovyose bigereranywa. Ng'abo bari ku ntebe cumi na zibiri z'ubwami, intwarabutumwa-bamarayikazo muri iyo minsi, kugira ngo bacire urubanza abatege akagere ubutumwa bwabo.Amen. Aho rero haba haje ca gihe gitey'ubwoba. Egome.

Mbega umunsi, mbega igihe tubayemwo! Mbeg'ukuntudukwiye kuba magabo, Shengero! Noneho turiko turavuga kuri ibi bintu biriko biraza,bigiye kuza. Noneho, uyu munsi, reka dusubire inyuma hano turabe, twisuzumeubwacu turabe nimba turi muri kwa Kwizera.

44 Noneho reka tuvuge ku baneshi bakeya mu minota mike, mu minsi y'igihe ca Nowa, nawe akaba yagereranya Yesu kristo, nk'uko bimeze uyu munsi.

Ndakekamfise iminota cumi. Noneho nza kuba mpejeje mu gice c'isaha. Ni ho ngitangura,urupapuro rwa mbere. Ndaza gusimba bakeya muri bo, hamwe binkundiye, maze nshikireico…

Mu gihe ca Nowa, igitutu c'uyu munsi: Yesu yarisunze ico gihe maze avuga, ati:"Nk'uko vyari biri mu gihe ca Nowa, ni ko bizomera mu Muzowa wa Mwanaw'Umuntu. Mu gihe ca Nowa, ni ko bizomera no mu Muzo wa wa Mwana w'Umuntu." Nimurabeneza, hărihó isiyose y'imbere y'umwuzure, kumbure amamiliyoni y'abantu, hăbāyehóumunani bănēsheje.Abantu umunani ni bo bănēsheje, abo bări ab'ukuri, abaneshi vy'ukuri. Hărihóabahungu batatu ba Nowa n'abagore babo, na Nowa n'umugore wiwe. Umunani bănēsheje, abinjiyemu bwato mu gihe gikwiye. Băbigēnje bate? Bateze amatwi Ijambo ry'Imana. Ntabwobafatiwe hanze y'umuryango. Vyăbasānze bari imbere.

45 Ôo bagenzi banje nkunda, nturindire k'uwo muryango wugarwa. Yesu yavuze ati:"Nk'uko vyari biri kirya gihe, ni ko bizomera no mu Muzo wa wa Mwana w'Umuntu."(Urakoze Mwene Data.) "Ni ko bizomera no mu Muzo wa wa Mwana w'Umuntu." Uburero, hariho umuntu agiye kuzofatirwa hanze y'urwo rugi.

Benshi muri bo barashobora kuba bari bafise intumberonziza, hanyuma, bakaba bavuga bati: "Umunsi umwe, nivyaramuka bibaye, tuzokwinjiranana Mwene Data Nowa, kubera ko ni umuntu mwiza." Ariko, murabona, imberehinjiyeyo umunani gusa.

Noneho, ivyo nimuvyiyumvireko cane kanokanya. Nimba uriko urikwegura uri hafi, ukaba uriko urabungwa, niwinjire.Ihute, nyarutsa, kuko uwo muryango ushobora kwiyugara umwanya uwo ari wo wose.

46 Kandi igihe cose hămye hárihó ubwato mu butunzi bw'Imana. Hărihó ubwatomu gihe ca Nowa, kugira ngo burokore abantu biwe. Hărihó ubwatomu gihe c'ivyagezwe, isandugu y'igishingantahe. Mu gihe c'ivyagezwe, băkurikira iyosandugu.

Hanyumaubu hariho ubugabuzi bwa gatatu; nko mu gihe ca Nowa, igihe ca Loti, na none mw'ikigihe. Hariho ubwato n'ubu. Kandi ubwo bwato ntabwo ari idini, nta n'ubwo ari ibikorwavyiza ukora. Ni "kubwa Mpwemu umwe," Abaroma 8:1, "twese twabatirijwekuba mu Mubiri umwe, mu canya c'ubwo Bwami, umubatizo umwe wa Mpwemu." Nu'bwowoba uri mwiza gute, ingene uri mubi, uko biri kwose, uri muri ubwo Bwami kubw'u—kubw'umubatizowa Mpwemu Yera. Murabona? Ubwo ni bwo buryo bwonyene uneshamwo. Abari musi y'amarasoyamenywe bose ni bo ari abaneshi, kubera ko udashobora kwineshereza, weweubwawe. Ni We akuneshereza. Wewe uba uruhutse.

"None nobwirwa n'iki ga Mwene Data Branham, ko ndiyo?" Raba ubuzima bwoko kiubayeho. Raba hirya no hino. Raba nimba bibayeho gusa, vyikora. Canke, nimbaari ngombwa ko uhatiriza usunika, murabona, noneho aho ni wewe urikouravyikorera. Ariko ntabe ari wewe ugerageze kubikora. Warigeze kugerageza? Egome.Ntusubire.

47 Ni nko gucisha ukuboko guto kw'umwana mu kuboko kw'impuzu, murabona. Ukubozikwiwe kuja irya n'ino, hasi, hejuru, n'ibindi vyose. Murabona? Ntaba akishoboye."Ambare agakoti kawe, mukundwa." Ntavyo abasha. Ukuboko kwiwe guto kuja iryan'ino hejuru, hasi n'ibindi. Bisaba ubufasha bw'ikiganza cawe gihamye.

Ôo,mbega ukuntu nezerewe, ndashobora kuramvurira Data ukuboko kwanje, nkavuga nti:"Mwami Yesu, simbasha kwinjirayo. Mfasha. Nyambika iyo koti." Ndahagarikakugerageza. Nkamureka akaba ari We abikora. Murabona?

48 Hamwe ako kana gato kabandanije kugerageza, "Ôo, ndashobora kuvyikorera. Ndashoborakuvyikorera." Gaca gahangayika. Ntigashobora kuvyikorera.

Yabamwebwe ntavyo mwishoboje, eka yaba na jewe ntavyo nishoboje, ariko hamweduhagaze twemye tukamureka akavyikorera; ube bumwishimikize gusa: "Ndi hano,Mwami, ndi hano. Reka—reka ntihagire na kimwe mba. Ni—nishimirije Wewe. Ushireikiganza canje mu kibanza gikwiriye." Iyo ni yo ntsinzi. Ukwo ni kwo kunesha.

Ico utegerezwa kunesha ni wewe nyene, iciyumviro cawe, ivyawe, kandiukamwiyegurira. Yarakuneshereje. Ni We azi inzira; twebwe ntayo tuzi.

49 Ariko mu gihe ca Nowa habayeho abaneshi umunani, kandi abo ni bo bĭnjiye. Vyabasanzebari imbere.

Nonehomurabe bagenzi. Ndizera ko ibi bariko barabifata amajwi. Kandi nimba bairi kumboneshakure, canke atari imbonesh-…murantunga, ibănde. Ivyo ukoravyose, uwuriko arumviriza kano kanya, canke uwuzokwumviriza hanyuma, igihecararengeranye cane, kandi ufise intego nziza, ariko nusangwe uri imbere. Akakanya, ntugahangane. "Ntabwo ari uwubishaka, canke uwiruka, ahubwo ni Imana."Reka Imana. Wewe nuyihereze gusa maze wibandanirize, hamwe n'UkwizeraGutunganye kunyuzwe, yuko: "Ivyo Imana yasezeranye ishoboye kubishitsa."Atari kwifatanya n'idini rimwe, irindi dini, kwirukira ibi, birya na biriya, kugerageza ibi. Wewe niwihereze Imana gusa, hanyuma ugendane na Yo, mu mahoro,mw'ituze, ata kibaciramwo. Wewe bandanya ugendana na Yo. Ukwo ni ukuri.

Ni vyo nabwiye Mwene Data wacu yafashwen'akabonge. Murabona? "Nuyihereze gusa. Iri hano, ni Yo Izi ivyo wakoze, n'icatumyeumera uko ugakora gurtyo, ivyo vyose. Irazi ivyawe vyose, none ubu IrikoIrakubwira ico ukwiye gukora gusa. Namubwiye nti: "Noneho ikintu ugomba gukorani kuja kubikora. Ni kuvuga, wibagire ivya kahise vyose, ugende, ubeho kubwakazoza, mu bwiza no mu nyonga z'Imana."

Abaneshi umunani.

50 Mu minsi y'igihe ca Daniyeli, hăbāyehó abaneshi bane băshoboye kwihanganira igipimo c'umuriro n'intare.

Ubu,vyitezwe ko tuzopimwa. Iki ni icigwa ciza kuri murumunanje yicaye hariyainyuma, na we. "Uwuza ku Mana wese ni ngombwa kw'abanza gupimwa." Gupimwa (n'iki?)n'Ijambo. Ni co gipimo c'Imana. Muravyizera? [Ikoraniro rivuze riti:"Amen."—Umw.] "Uwuza ku Mana wese ni ngombwa kw'abanza gupimwa." Mw'ico gihe ivyovyerekana gusa umwana w'ukuri, murabona, gupimwa. Kandi iyo igipimo kije… Ntushoborakunesha kiretse iyo hariho igipimo uhawe. Kandi iyo igipimo gitanzwe, ni kugirango barabe nimba ushobora kunesha canke utabishobora. Yesu yavuze ati: "Unesha,"ikigeragezo. Ikigeragezo ni co kintu gihambaye cigeze kukubako. Ndizera ko vyanditswemu Vyanditswe, Petero yavuze ati: "Ibigeragezo

vyacu bifise agaciro kuritwebwe kuruta zahabu y'agaciro." Ni igihe c'amageragezwa. Ni ikimenyamenyakimwe ciza kuri twebwe cerekana ko Imana iri kumwe natwe, iyo tugeragejwe, kuberaabana b'Imana bose barapimwa bakageragezwa.

51 Daniyeli, umuntu, umuvugishwa; Shaduraka; Meshaki; Abedunego; Daniyeli yari umuvugishwa;kandi abo ni bo bari bagize Ishengero ry'ico gihe, ndavuga, Umugeni. Harihobenshi mw'ishengero, hafi imiliyoni zibiri mu bari bamanukanywe hariya. Ariko hărihó…Ukwoni ko abaneshi băngana. Kandi aba baneshi barashizwe mu gipimo. Kandi umuneshiwese ategerezwa gushirwa mu gipimo. Kandi igihe băvuga bati: "Murisubirako ku vyo Ijambo rivuga, cankemutererwe mw'itanure ryaka umuriro," vyose baca baravyanka basigaranaIjambo.

52 Igihe Daniyeli yahabwa igipimo, yuko yategerezwa kwisubirako ku vyo Ijambo ryăvugá, yuko bategerezwakwisunga urusengero nk'uko Salomo yabivuze mw'isengesho, kandi ko Yobakijije murivyose, Imana ko yobumvise iri mw'Ijuru nibahindukira bagatumbera urusengero bagasenga, bati: "Nihagiraumuntu asenga muriyi minsi, kandi natwe turi Abamedi n'Abaperesi, abo ata wushoboraguhindura canke akureho amategeko yacu, uwo muntu azoca aterezwa mu rwoborw'intambwe," bamutega umutego, we, ndizera ko uwo muvugishwa yari abizi,ariko baramuteze umutego, na we aragenda yicishije bugufi, igihe umwanya wiwewagera wo gusenga, ubwo, yari abizi, I muhira i Yerusalemu, hariho ikimazigitongowe n'umuriro ku gicaniro, Daniyeli ntiyatinye abo batasi.

Yarakinguye amarido, yugurura amadirisha, arapfukama, apfukama ku mavu yiwe,akiriza ibiganza ku Imana maze arasenga. Kubera iki? Yabaho canke yapfa, yar'afiseintsinzi. Kandi rero, yar'afise intsinzi ikomeye ku buryo n'intambwe zitari zishoboyekuyirya. Ya—yaranesheje.

I… Shaduraka, Meshaki, Abedunego bari bafise intsinzi ikomeye ku buryo intare…kuburyo umuriro utari ushoboye kuyiturira. Murazi, intsinzi ni ikintu kigoye guturira,canke kurya, canke ikindi kintu cose. Murabona? Rero, bo, bari bayifise.

53 Noshobora kuvuga abandi bantu. Mu gihe ca Loti, Yesu yaravyisunze, hăbāyehóbatatu gusa banesheje, Loti n'abakobwa biwe babiri. Habe mbere n'umugore wiwe; ntiyanesheje.Ya—yari yatanguye. Ni ikigereranyo. Ese iyaba twari dufise umwanya. Iminota yanjemirongo itatu iriko iramperanye. Murabona? Murabona? Uwo mugore we rero, yarakozeneza, yarasohotse aravayo.

Ubu rero ibi ntegerezwa kubibaha, akanya gato gusa. Benshi muri mwebwemwarasohotse muravayo, na mwebwe. Benshi muri mwebwe mwararetse ivyo bintu,kugira ngo mufate uruhagararo rwanyu, inyuma y'aho mumariye kubiseranguramuVyanditswe mugasanga ni Ukuri. Mwarabonye icemezo c'Imana Mushobora vyose; atariivyo bamwe, ivyo umuntu kanaka yavuze ngo ni icemezo. Ivyo Bibiliya yavuze vyātegérezwakuba, none ng'ibi biriko birakoreka. Mwarabonye kw'ari Ukuri. Noneho, mwarahagurutsemurasohoka muva muri Sodomu, mureka idini, mureka ibintu bibahambirira kuri zanemera; kugira ngo mukurikire Kristo, kubwa Mpwemu Yera yemeza ubwiwe kubw'Ijambory'Imana ryanditse. Mu yindi mvugo, mwafashe Bibiliya mu gishingo ca za nemera.Mwarasohotse kugira ngo mukurikire.

54 Emwe, na muka Loti yari yakoze ikintu nk'ico nyene, murabizi. Yarasohotse, kugirango ajane na Loti, akurikire umugabo wiwe, abana biwe, abakundwa biwe, ariko ntivyări mumutima wiwe. Yabandanije akunda isi. Rero birashoboka ko ushobora gutangura, arikoisi ikaba ikikurimwo. Murabona? Ntiyigeze anesha. Kandi n'ubwo yari ameze neza murugendo, amaherezo vyaramuhiritse. Vyamubereye ngombwa kugira ukwo guterezaijisho inyuma guhambaye kurekure kwa nyuma. Aho ni ho yafatiwe. Ntimunasubize amasoinyuma. Ntugire ivyifuzo. Bandanya ugenda. Shira ivyiyumviro vyawe i Gologotahanyuma ubandanye ugenda utumberye Kristo. Murabona? Murabona?

55 Yaratanguye arasohokayo, nk'umuneshi, ariko ntiyigeze anesha. Ôo, yaravuye mw'idini.Yarabikoze. Yarasohotse muri Sodomu, ari kumwe na Loti. Ariko yashatse gusubirainyuma kugira ngo amweshe umushatsi wiwe. Murazi ico nshatse kuvuga. Murabona?Yategerezwa gusubira inyuma. Ntiyari ashoboye kwihanganira i—igipimo. Yategerejwekwongera gusubiza amaso inyuma, kugira ngo arabe ivyo abasigaye bariko barakora."Ôo, urabizi, nari mfise abagenzi beza hiy'epfo. Kandi, inyuma ya vyose, ibibirashobora kuba ari kwimuka gato. Sinzi nimba vyoba ari n'ukuri canke atariukuri. Mfi—mfise ijambo ry'uyu mugabo gusa, n'ubwo ari umugabo wanje. Ariko nong'aho…" Umwungere wawe ni umugabo wawe, tubivuze mu buryo bwa mpwemu, murabona."Nimba ari vyo camke atari vyo, ntavyo nzi. Birashoboka ko we, impishuro yiwentibe yari iy'ukuri."

Mw'icogihe, nimba utanyuzwe neza, ntuzi neza kw'ari Ijambo ry'Imana, mw'icogihe—mwico gihe ntushobora kugenda. Murabona? Bisaba ko witanga wese. Utegerezwakumenya. Ntuvuge gusa, ngo: "Emwe, ndabona abandi babikora. Ndabona ikimenyetso."

56 Murazi, Isirayeli yatanguye irasohoka, noshobora kuvuga ico kintu nyene nkakizanamwohano. Baratanguye barasohoka, imiliyoni zibiri zikomeye, baza kurangiza hasigayeabagabo babiri. Ni vyo. Bari barabonye ibikorwa vy'Imana. Bari barabonye ukwigaragazakwa Mpwemu. Bari barabonye ibitangaza bikomeye vy'ububasha bikorerwa hariyamuri Egiputa, n'ibintu vyose, n'uko baratangura barasohoka. Ariko

nti—ntivyari mumitima yabo. Ntibanesheje. Barasohotse gusa. Yesu na We yavuze ati: "Bahoneyemu bugaragwa," kandi bapfuye ubuziraherezo. "Bose barapfuye," ivyobisobanura ugutandukana kw'ibihe vyose. Bose baboreye mu bugaragwa.

57 Ariko hărihóabagabo babiri, Yosuwa na Kalebu. Iyo bigeze ku gahinyuza, inzitizi zari zihambayecane ku buryo bo baboneka nk'inzige imbere yabo. Yosuwa arasemerera ari kumwena Kalebu, maze baravuga bati: "Turi abarushirije gushobora kubikora." Kuberaiki? "Imana yarabivuze." Kandi abo bari abaneshi. Barabsheje. Ni bo bagizeamahirwe, muri uwo murwi munini w'abantu, bafata Umugeni nyawe, yatoranijwebamujana mu gihugu c'isezerano. Yosuwa na Kalebu bari ku murongo w'imberehanze, nk'aba jenerale babiri, babamanukana muri rwa ruzi, bararujabuka,binjira mu gihugu c'isezerano. Kubera iki? Bari bizeye Ijambo, uko vyarikugenda kwose.

58 Mu nyuma Datani arahaguruka. Datani, ahubwo yarahagurutse, na Korah barahaguruka,bagerageza kuvuga bati: "Uyu muntu ariko agerageza kwishira hejuru yacutwese; ngo ni uwera kurusha abandi." Aho Imana yar'imaze kwemeza vyibuze uwomugabo. Baravuga bati: "Dutanguze umurwi w'abantu maze dukore ibi, biryana biriya, maze tugire idini ryacu, tuzoca tugira…" Baciye bapfa barahona.

Ariko abo bagabo bari bafise iryo Jambo ry'Uhoraho,bagumanye na ryo, nuko barabandanya.

"Si uwo atangura;ni uwo arangiza." Benshi baratanguraihiganwa, ariko hariho Umwe arisozera. Hazobaho amashengero menshi azotangura, imirwimyinshi y'abantu. Hazobaho Umurwi umwe rudende uzosozera. Abo bazoba ariabaneshi.

59 Igihe ca Loti, egome, urya mugoreyategerezwa kugira ukwo guterezwa ijisho inyuma gukomeye kurekure. "Ôo, nsize ibi n'ibi hiy'epfo, vya bihe vyizatwahora tugira. Sinzokwigera ndavyibagire." Aca arafatwa, arakurwamwo, "nk'uko vyaribiri mu minsi ya Nowa." Yarakuwemwo, ata mbabazi, arahona. Kandi i—ikivyimbakiracahagaze na bugingo n'ubu. Bavuga (gusa ntavyo nzi) ngo ushobora kumanyurakoigice caco hanyuma kigaca congera gukura, inkingi y'umunyu. Muramaze kubona yashusho ya Sodomu na Gomora, muzobona inkingi y'umunyu w'umwimerere ihagaze aho.

Ubu rero, hariho itandukaniro hagati y'inkingi y'umunyu n'Inkingi y'Umuriro. Murabona?Utegerezwa kujana inzira imwe. Ego.

60 Nimurabe mu gihe ca Yohana Umubatizi. Mu gihe ca Yohana Umubatizi, habonetsebatandatu banesheje. Ibihe vyose, vyamye bironka abaneshi. Mu gihe ca Yohanabari bafise batandatu, abo na bo ni Yosefu na Mariya, Zakariya na Elizabeti,Simeyoni na Ana. Umugabo n'umugore, umugabo n'umugore, umugabo n'umugore; murabona,ikigereranyo ca Kristo, Ishengero; Kristo, Ishengero; Kristo, Ishengero;Kristo, Ishengero. Murabona? Murabona?

Nimurabe,bitangurira ku muntu asanzwe. Oya-… Mo…Yosefu, umuntu asanzwe, Yosefu, yarinde? Umubaji. None umuherezi, yari iki, murabona? Umukozi mu nzu y'Uhoraho;Zakariya. Hanyuma kuva aho, kuri Simeyoni, umuvugishwa n'umuvugishwakazi. Murabona?…?…Ugutsindanishirizwa,ukwezwa, umubatizo wa Mpwemu Yera. Amen. Mbega ntimubibona? Mu buryo butunganye.Batandatu banesheje. Abandi bose, baratanze ibimazi n'ibindi vyose, ariko aba bariAbatoranijwe. Baranesheje.

61 Nimurabe igihe cose c'Ishengero. Bamwe banesheje igihe bo, buri mwana muri buri gihe c'Ishengero, yaraneshejeamageragezwa y'ico gihe. Ndafise Ivyanditswe hano. Sinibaza yuko mu vy'ukuridufise umwanya wo kubikora, ariko turazi kimwe cose mu Bihe vy'Ishengero. Niivyo nyene na none. Ni nk'umuntu ari…

Murabona, nk'ukonabivuze ngitangura, wavutse waraneshejwe. Kandi iryo vuka ntirishobora kugushikanaku—ku Bugingo, kuko wavutse waraneshejwe. Kandi uri mw'isi yaneshejwe, mu bantubaneshejwe, muri za nemera zaneshejwe, amadini yatsinzwe. Utegerezwa kuza kuntsinzi mu buryo kanaka.

62 Ni nka ryashurwe ryo mu biyaya. Ahari…Ishurwe ryo mu biyaya, ndibaza kw'ari rimwe mashurwemeza cane abaho. Ndakunda cane ayo mashurwe manini yo mu biyaya yo mu bwoko bwaCalla hamwe n'amwe yo mu biziba. Nibaza ko ata kintu na kimwe ciza kibaho gisan'iryo shurwe rinini ryo mu biziba, rimwe ryitwa ishurwe ryo mu mazi. Mbegaukuntu rikayangana! None ivyo biva hehe? Ni akabuto gatoya, kaba kari musi muvyondo, mu rushanga. Kandi ako kabuto gatoya, yamara, ugukayangana kwose kazokwerekana,kuba kuri muri ko muri ako kanya, igihe kaba kari mur'ivyo vyondo. Ariko gategerezwakurwana karondera inzira, buri munsi, kazi yuko hariho ikintu kanaka. Kaba karimu mwijima. Kaba kari mu mwanda. Kaba gakikujwe n'urushanga. Muri urwo rushangakaba kabayemwo, yamara kararwana gaciye mw'urwo rwondo, urwo rushanga, n'amazi,hamwe n'aho hantu haba hari amazi adatemba, kugeza iryoshurwe riseruye umutwehejuru, mu muco, maze rikagaragaza ivyaribihishije muri ryo ico igihe cose.

Nibaza ko uwoari umuneshi, uwo, igihe kimwe yari mu vyaha, yigeze gukora ibintu bitari vyiza,ntugire ikibazo kuri vyo. Kera warigeze gukora ibintu bitari vyiza, none, kukiwongera gusubiza amaso inyuma

mw'urwo rushanga? Murabona? Raba, ufise…

63 Imana, kubwo gutegekanya kwayo kwo kuvakera, murabona, Yāzanye uru rubuto ku Bugingo, kandi ruriko rurihuta ubwarwo, murabona,ruriko ruraza ku Muco. Noneho ubu, hejuru y'ivyo vyose, iryo shurweryaranesheje. Murabona? Ntiryigaragariza hiyo musi. Rirahaguruka, kugira ngo ryigaragaze.

Na mwebwentimwabiko mukiri mu vyaha vyanyu, n'ubusambanyi bwanyu, n'ibintu vyose mwabayemwo.Nta na kimwe mwagaragaje. Ariko hariho urubuto rwărimwóng'aho imbere, kandi rufise amahirwe yo kwihuta rugana mu Muco. None ubu murimu nyonga za Yesu Kristo, hamwe n'Umuco wa wa Mwana. Vyagaragaje ico mwari murimu ntango. Murabona ico nshaka kuvuga? Mwarabonye Umuco. Muca murakura. Mwarakinguyeimitima wyanyu, none ubu muri ishurwe ryo mu biyaya.

64 Muribuka bwa butumwa bwanje kw'ishurwe ryo mu biyaya? MwubahwaShurwe ryo mu biyaya, ingene atama. "Kandi, ntirijisha. Yamara na none, Salomo,mu bwiza bwiwe bwose, ntiyari yambaye nka rimwe muri yo." A—a—a—a—a…Nimumurabe.Ariteguriye gutang-…Nta na kimwe aronka kivuye kuri we. Ishurwe ntirihangayikaku bijanye n'ivyaryo. Rikora iki? Ri—rigaranzura ubwiza bwaryo hanze, ubuzimabwaryo, kugira ngo abandi bashobore kubona. Ubuzima bwaryo bugaragazwa hanze,kugira ngo abandi babone ubwiza, ibiri muri ryo, ivyari biri muri ryo igiheryari rikiri mu vyondo. Ubu riba riri hejuru.

Uwoni umuneshi. Yaranesheje ivyondo. Yaranesheje ivy'isi. None ubu aritanga avyigombeyeku buntu. Umuntu wese arashobora kumuraba. Ubuzima bwiwe, ntushobora kubutunga urutoki.Murabona? Ni umuneshi nyawe. Ntushobora kuronka ico umuvugako ubu. Uravuga uti:"Yavuye mu vyondo." Ariko ubu ntabwo ari mu vyondo. Ari hejuru yavyo. Amen. Ahorero ntushobora gutunga urutoki ku co yahoze kera. Ubu ni iki? Ari hejuru.

Hanyuma inzuki zica ziza zivuga ziti: "Mbega amarashi atamirana! Ndibazako nogenda ngatorako umugabane wanje."

Rica ryugurura umutima waryo, riti: "Ngwinokano kanya. Nta kibazo." Zose zitora zikuye kuri ryo. Murabona? Ni—ni umwungerenyawe. Yerekana Ubwiza bw'Imana. Kandi nimwihweze aho aturuka. Vyabaye ngombwako anesha, kugira ngo abishikeko.

65 Igihe kimwe, uwo mugabo canke uwo mugore yari umuyabaga kandi ari mwiza, ac'ibibatsi. Baragize amageragezwa menshi yogucamwo, ariko ivyo barabinesheje. Murabona? Baranesheje. None ubu bariko barerekanaubwiza nyabwo bwa Kristo mu buzima bwabo. Nimurabe, bigaragara, biciye muvyondo.

Yesu yaraduhaye akarorero, uburyo bwo kubikora. Ubu rero turashaka kumenya ingenetwonesha. Yesu yaratubwiye ingene twobikora. Murabona? Ukwicisha bugufi! Yarakenyeye,afata igitambara, yoza ibirenge vy'abigishwa hanyuma arabahanagura. Ya Mana bwiteyo mw'Ijuru ubwayo yicishije bugufi.

Twebwe ntidushaka gusuzugurika. Ni na yo mpamvu abagore badashaka kureka imishatsiyabo ngo ikure, murabona, ni co gituma badashaka kwambara nk'uko abakenyezibātegérezwa kwambara. Ni nk'uko abagabo badashaka, murabona, ni co kimwe. Ntibabishaka.Ba—barasuzugurwa.

Ariko, Yesu, buri gihe! Nimwihweze Uwo yari We.Ubukuru! Ngiye kuvuga ikintu kanaka. Ubukuru buricisha bugufi. Uwuhambayearicisha bugufi. Ubukuru!

66 Naragize amahirwe yo kubona, guhura n'abahambaye. Kandi n'aba basore baronkaimpuzu zo guhinduranya, n'amasenti mirongo itanu mu mufuko, bagaca batangurakugāra, ni umusore rero aba yibaza ko hari ic'ari mu gihe ata na kimwe ari co.Ariko narahagararanye n'abahambaye, ndavuga abantu bahambaye bambaye amashatiy'amaboko magufi, azinze ku bikonjo. Bo baca bakugira nk'aho ari wewe uriumuntu ahambaye. Murabona?

Ubukuruni ukwicisha bugufi. Ivyo ntimuze muvyibagire, Shengero. Ubukuru bugaragariramu kwicisha bugufi, atari uburyo ushobora kuba mwiza.

Ahasimvuze kuba umunyamwanda. Nshatse kuvuga kwicisha bugufi mu mutima. Murabona? Sinshatsekuvuga ivyo gu—gusohoka hanze hanyuma ntiwigere ukaraba ngo wisukure. Ivyo, ningombwa ko ubikora. Urabizi. Murabona?

Ariko ndiko ndavuga ku kwicisha bugufi, ukwicishabugufi kw'ukuri, atari ikintu comekereweko. Ikintu kiriho, ukwicisha bugufi kw'ukuri.

67 Yesu yaratubwiye ingene twobikora. We Yaranesheje. Bisobanura…Kunesha bisobanura"kwihanganira igipimo," ni vyo, nka kumwe abera bose ba kera babigenje; nk'ukoYesu yabigenje: hagati y'abansi biwe bose, Yarihanganiye igipimo. Ikintu cose Yageragejweko,Yaragishikamyemwo. N'imbere y'indwara, kandi We kubera Yari Mesiya, Yarabakijije.Imbere y'urupfu, Yarukuyemwo ubugingo. Imbere ya Gologota, Urupfu rwiwe bwite,Yarunesheje mu kurwishira. Kubera iki? Biciye kw'Ijambo. Yavuze ati: "Ururusengero nimurusambure, nzoruhagurutsa mu minsi itatu." Ijambo ryari ryabivuze.Murabona? Imbere y'urupfu, yararutsinze. Yaranesheje urupfu. Imbere ya kuzimu,yaratsinze kuzimu arayinesha. Ego. Imbere y'imva,

Yaranesheje imva. Kubera iki?Vyose kubw'Ijambo, no mu kwicisha bugufi. Ôo, bagenzi! Ng'Uyo Umugabo nyaMugabo. Hariho Umwe wo kubabera akarorero. Murabona? Yanesheje vyose,arabitsinda.

68 Nimurabe. Amageragezwa yari kuri We. Ivyo murabizi? Bibiliya ivuga iti:"Yageragejwe mu buryo bwose nkatwe, ariko nta caha Yar'afise." Yarageragejwe biciye—biciyeku biboreza. Yarageragejwe n'abagore. Yarageragejwe n'ibintu vyose vyari bishoboyekumugerageza. Yarageragejwe n'ibintu vyose nkatwe. Yari Umuntu, yamarantushobora kumwerekanako n'irabaga na rimwe. Ego mushingantahe.

Kunesha bisobanura "kumenya umurwanizimuri buri mayeri yiwe." Abantu benshi bavuga bati: "Umurwanizi ntabaho. Niiciyumviro gusa." Ivyo ntimuze muvyizere. Harabaho umurwanizi w'ukuri. Ni uw'ukurink'ukwo kwiwanyu canke uwundi wese. Umurwanizi w'ukuri, kandi mutegerezwakumenya ko ari uw'ukuri. Utegerezwa kumenya ko ari umurwanizi. Noneho, wamwanya nyene ubwa umumenye, ukamenya ko ari umurwanizi kandi ko ari wewearwanya, mw'ico gihe, kunesha, utegerezwa kumenya ko Imana muri wewe ihambayekandi ko ari inyabushobozi kumurusha, kandi Uwuri muri wewe Yamaze kumunesha. Kandi, kubw'ubuntu bwayo, urarengeye kubauwukwiye guhura na we. Amen. Ng'iyo ntsinzi y'ukuri, iyo ubimenye.

69 Urasubiza amaso inyuma, ukavuga uti: "Ndiko nkora ibi kandi ndiko nkora biriya,"mw'ico gihe, oya, wewe—wewe, uba utsinzwe.

"Arikoabari muri Kristo Yesu nta rubanza ruzobatsinda, abatagenda bisunga umubiri,ariko bagenda bisunga Mpwemu." Aho uca umenya ko wanesheje.

Kandimurazi ko ari umurwanizi.

Ntushoborakuvuga ngo: "Ndarwaye indwara, ariko si—si—si—si—sinizera ko ari indwara."

Ôo, ego, ni indwara.

Urwaye kansere,"ntiwemere ko ari kansere."

Nikansere. Ni kansere.

Ariko,mwibuke, "Uwuri muri mwebwe arahambaye kuruta uwuri mu b'isi." Utegerezwakumenya ko Mpwemu Yera ari muri wewe yamaze kunesha ico kintu. Kandi Ari muriwewe, kandi urashobora kuneshereza na We. Ivyo birumvikana rwose, ni neza naneza uko Ivyanditswe vyanditswe. Kunesha!

Ntegerezwa kunyarutsa. Ndangije iminotamirongo ine n'itanu kano kanya. Ubu ndiko ndarenza umwanya vy'ukuri.

70 Nimurabe, kunesha! Imana iri muri wewe iraruta uwuri muri we. Imana y'isintabwo ikomeye nk'Imana yo mw'Ijuru, Iyiri muri wewe, nka kumwe umwijima udashoboraguhagarara imbere y'umuco.

Noneho umwijima ntushobora guhagarara imbere y'umuco. Sinzi ngo ni umwijimaungana gute, umuco uzoca uwushiburira hanze. Ntushobora guhagarara. Ubwiza!Ariko fata umwijima mwinshi ushaka, ugerageze guhagarara imbere y'umuco rimwe, uzocaubona ibizoca biba.

Iyo ni imwe irimuri wewe, ni Umuco. Kandi uwuri mw'isi ni umwijima. Rero, Umuco wagaragaje kowanesheje umwijima, kandi umuntu ari muri Kristo kandi azi ivyo yaranesheje ivy'isi.Amen. Nta ngoyi zikiguhuza na vyo, na gato. Uridegemvya. "Tugendera mu Muco,nk'uko na Yo iri mu Muco, kandi Amaraso ya Yesu Kristo atwoza ivyaha vyose,kandi dufitanye isangira." Ng'ivyo rero.

71 "Uwuri muri mwebwe arahambaye kuruta uwuri mu b'isi." Noneho, nimba usubiza amaso inyuma ugatsindwan'urubanza, aho uracari mw'isi. Ariko nimba uriko ubaho hejuru y'ivyo, mw'icogihe Uwuri muri wewe arakurongora hejuru y'umwijima.

Ni nka ryashurwe ryo mu biyaya, riba riri hejuru y'umwijima w'ivyondo. Riba riri hejuruy'umwijima w'amazi y'ivyondo. Riba riri mu muco, rigaragaza ubwiza bwarishyizwemwoimbere yuko riva mu vyondo. Amen.

Kano kanya niyumvank'Umukristo akoma induru. Abari kumwe n'Imana hariya mu ntango, bakomejegushishikara bicira inzira, banesha. Yaranesheje igikohwa. Yaranesheje ivyondo.Yaranesheje amazi. Yaranesheje vyose, kandi yari umuneshi, kandi yarerekanyeubwiza n'icubahiro c'Imana.

72 Ukwo ni ko ukwizera wese akora. Ukwo ni ko Nowayabigenje. Uko ni ko Loti yabigenje. Iyo ni yo nzira. Nimurabe umwanda yarimwo.Ni ko Mose yakoze. Uko ni ko Yosuwa yabigenje. Uko ni ko Daniyeli yabigenje. Niko Shaduraka, Meshaki babigenje. Ni ko Yohana Umubatizi yakoze; Zakariya, Elizabeti.Ni bwo buryo Simeyoni, nib wo buryo Ana, umwe wese muri bo ni ko yabigenje. Baraneshejeivyondo vyari bibakikije hamwe n'ivyari bibarimwo. Baraseruye imitwe yabohejuru y'ico kintu, hanyuma bakayangana ubwiza bw'Imana. Ico ni co Umukristo nyawe akora.

73 Mwibuke, Yesu yaramweretse ingene bikorwa.Iminsi mirongo ine y'amageragezwa, Yarageragejwe birenze ukw'umuntu uwo ari wewese yoshobora kugeragezwa, muri ya mageragezwa ya Yesu Kristo. Nimwitegereze.Yaratweretse ingene bikorwa.

Nonehondarangiza, mu minota mikeya.

Nimurabe. Yaratweretse ingene bikorwa. Yabigenje ate? Akoresheje Ijambo. Ukwoni ko Yabikoze, kuko Yari Ijambo. Kandi Yesu yavuze ati: "Nimwahuma muriJewe, maze Amajambo yanje akaguma muri mwebwe," wongeye kugaruka kw'Ijambo,Ijambo ry'isezerano. Ijambo ry'isezerano kuri buri Mukristo ni irihe? "Uwurimuri mwebwe arahambaye kuruta uwuri mu b'isi." None nonesha gute? Ntabwo ari jewe,ahubwo ni Ijambo riri muri jewe. Ijambo ni Imana. Noneho ndanesha ivy'isi, kukoari Ijambo muri jewe. "Nimwahuma muri Jewe, maze Amajambo yanje akaguma murimwebwe, muce musaba ico mushaka cose." Bandanya wicira inzira. Uraserukahejuru, vy'ukuri nk'ibintu vyose. Murabona? Utegerezwa gushika hejuru.

74 Iminsi yiwe mirongo ine y'amageragezwa, kubw'Ijambo ry'Imana Yaranesheje. Ndashaka kwerekana ikintu kanaka hano mu minota mikeya. Satani yaramugavyekoibitero bitatu bikomeye muri ayo mageragezwa. Nimurabe. Buri gihe vyama arimuri gatatu. Ivyo ntimuvyibagire. Murabona? Yagavye ibitero bitatu bikomeye,kuva hejuru kugeza hasi. Yarageragejeje uko ashoboye kugira ngo amutsinde. Ariko WeYari Ijambo. Amen. Yakoresheje iki? We ubwiwe, Ijambo. Ibitero bitatu bikomeye vyaSatani canke kumugabako ibitero, ariko bahuje ubwayi akoresheje Ijambo. Igiterocose, Yari ashoboye kucivuka akoresheje Ijambo. Ibi nimuvyihweze kano kanya,kuva hejuru kugeza hasi.

75 Ubwa mbere yagabye igitero ciwe, kugira ngo Akoreshe ubushobozi bwiwebuhambaye. Ubwo, Yari azi ko ari Ijambo. Yari azi aho ahagaze. Murizera ko Yabikoze?"Jewe Umwana w'Umuntu." Yari azi aho ahagaze. Rero Satani yaraje ashakakumutera gukoresha ubushobozi bwiwe bwite, kumugaburira, ashaka kwigaburira.Yari ashonje. Umugabo ashonje, ashobora gukora hafi ikintu cose. Ariba, agasahura,agasegerereza, ikintu cose. Murabona? Yari afite ako kayabagu. Hanyuma Satani acaagaba igitero ciwe ca mbere gikomeye kuri We, kugira ngo afase ubushobozi YariYarahawe kugira ngo aneshe maze abwikoresheko. Ntiyabwikoreshako. Oya. Yabukoreshaku bandi. Ni vyo. Yabukoresha ku bandi, atari kuri We. Ntiyari abufise kubwiwe.N'ubwo, Yari gushobora kubikora. Nta nkeka ko Yari gushobora kubikora.

76 Ariko murabona ingene umurwanizi abishikako?Umurwanizi we ashaka ko mumwiyumvira. We Yiyumvira ivyo Data yamubwira gukoragusa. Ni vyo.

Yavuzeati: "Kubera iki," Satani ati: "Vyanditswe ngo: 'Yoguhaye Abamarayika ngobakurerure…'"

Aramwishura: "Ego, ariko na none vyanditswe ngo…" Murabona? Ng'ivyo rero. Murabona?Yari azi Uwo Yari We. Satani yakoze…

Ico Ciyumviro kirenze kure ivyo vyanditswe. Murabona? Ni uguhumekerwa. Intimatimairi imbere muri Co, murabona, ico kiri mu vy'ukuri.

N'ubwo Yari gushobora kubikora, ntavyo Yakoze. Ariko ntiyigeze Yumvira iciyumviroca Satani.

Noneho,ng'iki ikintu ciza hano. Murabona? Rimwe na rimwe Satani arashobora kugufata, hanyumamu gihe wibaza yuko uriko urakora ubugombe bw'Imana, we arashobora kuguhaiciyumviro, ugaca uja na rwo. Ego mushingantahe. Koko arabishoboye.

77 Noneho reka dufate gusa, nk'akarorero, nka bashiki bacu. Ni beza. We arashoborakugushikana ahantu, aho ureka imishatsi yawe igakura, ntiwigere umenya yukobisa neza kuri wewe, none, ikintu ca mbere urazi, ugaca utangura kwiyumvank'aho uboneka neza, umeze nk'uwuri hejuru gato abandi. Bamwe muri mwebwebagabo, murazi ico nshaka kuvuga. Murabona? Kandi arashobora gufata ico kintu nyeneakakiguhitishamwo. Ni vyo. Murabona. Ivyo utegerezwa kubinesha.

Gusamwibuke, mubereyeho Imana. Mufise intego imwe, kandi iyo na yo ni Yesu Kristo.Hanze y'ivyo, nta kindi kintu gifise ico kimaze. Uwo ni We. Hanyuma, ubwakabiri, kubw'umuryango wawe. Hanyuma, ubwa gatatu, kubwawe. Ariko, ubwa mbere, kubw'Imana;ubwa kabiri, kubw'umuryango wawe; ubwa gatatu, kubwawe. Uri igitigiri kigiragatatu; iyo ni yo mperuka y'inzira. Niwishire mu kibanza ca nyuma; We Yarabikoze.

78 Nimurabe ivyo Yari gushobora gukora. Yavuzeati: "Ndashobora guhamagara Data, nkavugana na We, Yohita andungikiralegiyono cumi na zibiri z'Abamarayika." Mu gihe, umwe muri bo ashobora kuranduraisi. Yavuze ati: "Iyaba Ubwami bwanje bwari ubw'iyi si, abayoboke banje barikurwana. Ariko Ubwami bwanje ni ubw'iy Hejuru." Ng'ivyo. Murabona? Yari gushoborakubikora, ariko ntiyabikoze. Murabona? N'ubwo, Yari gushobora kubikora.Ntiyigeze yumviriza iciyumviro ca Satani.

Noneho, muramaze kwumva abantu bavuga bati: "Nimba—nimba mwizera ko hariho—harihouwukiza indwara mu buryo bwa Kimana…Nimba uri uwukiza indwara mu buryo bwaKimana…Genda uzane umukiza

w'indwara mu buryo bwa Kimana wawe. Ndafise umuntuhano, arwaye. Ndashaka kumubona akiza." Iyo shetani nyene murayibona? Ariko ageragezakuguha iciyumviro. Ariko agerageza gutuma umwumviriza aho kwumviriza Imana.Ariko umukozi w'ukuri, nyawe w'Imana azokwumviriza kandi abone ivyo Data avuga,ubwa mbere. Murabona?

79 Ni nka wa mwana muto wa Stadsklev, igihe bamurungika hano. Na Muka Stadsklev yavuzeati: "Mwene Data Branham, nahamagaye mvuye mu Budagi." Hariho ingaboz'Abanyamerika, aho imwe mu ndege zabo zerekeje hano ku murima, yari ishoboyekungurukana mu Budagi igaca ingarukana, mu munsi umwe. Yari umunyediniashikamye. Umwana yari arambaraye, yapfuye. Kandi uwo mubyeyi muto avuza induru,ati: "Umva!" Yavuze ati: "Ndabizi. Nari mpagaze ng'aho mbona wa mugore yar'arezemu minwe wa mwana yapfuye, yapfuye muri ca gitondo. Narabonye Mwene DataBranham agendayo, arambika ibiganza kuri uyo mwana yapfuye, maze arazuka." Avugaati: "Uyu ni umwana wanje, Mwene Data Branham." Ntibari bwigerebapfisha mu muryango wabo. Murabona? Hanyuma rero uyu mwana muto yari yafashwen'indwara mu gitondo kimwe maze acaahwera kw'uwo muhingamo nyene.

Bosebari bahagaze aho, batanga ubuvugishwa n'ibindi, "Uwo mwana agiye kuzuka,"n'ibindi vyose.

Naravuze nti:"Emwe, ni vyiza cane, Mushiki wacu Stadsklev. Ariko hinge ndabe ico Data avuga. "

Naciyengenda mw'ishamba. Ndasenga. Ndagaruka; yar'amaze guhamagara kabiri cankegatatu imbere yuko ngaruka bukeye bw'aho. Ntana kimwe cari gihari.

Umuganga avuga ati:"Ni vyiza." Avuga atu: "Nimba ari vyo, nimba ufise kwizera nk'uko, gamupfaso, sinza kwigera ndeka uyu mwana ngo ave mw'ibi bitaro. Mureke agumearambaraye hano. Ugumane hano nyene. Ivyo ni vyiza."

MweneData Stadsklev aragenda kuraba majoro w'ingabo. Baramubwira bati: "Ni ukuri.Tuzamugurukana tumujaneyo, hanyuma tumugarukane."

80 Kandi hariho indege, irindiriye, ngw'injane mur'ico gitondo yongere ingarukaneku mugoroba, mu Budagi, i Heidelberg, mu Budagi, kubwo kuzuka kw'uwo mwana.Navuze nti: "Ni vyo, Imana irashobora kubikora, ariko reka turabe ubugombebwayo ubwo ari bwo."

Hanyuma ndagenda,nsenga ijoro ryose. Nta na kimwe cabaye.Ndagaruka bukeye bw'aho; nta cabaye. Ndinjira mu cumba. Ako kanya ndavye aho,mbona urya Muco uhagaze mu muryango. Urambwira ngo: "Ntushire ikiganza cawekuri ivyo. Ivyo ntubikankamire. Ico ni ikiganza c'Imana."

Wa mugore nca ndamutora kuri terefone. Navuze nti: "Mushiki wacu Stadsklev, shinguraumwana wawe. Ni ikiganza c'Umwami. Ni ubugombe bw'Imana. Har'ikintu cobacarashikiye uwo mwana hiy'epfo ku murongo. Mureke agende atumbereye aho Imanaizi aho ari. Urashobora kujayo ubu. Abaho, ntaco mwobihindurako. Nimubirekeuko."

Uwo muvugabutumwa akomeye w'Umuluteriyano wo mu Budagi yanditse ikete agiraati: "Ese ukuntu nshobora gushima ingene Mwene Branham arindira iyo ngingoyafashwe n'Imana, imbere yuko agira ico avuga."

Ni ivyo. Umiraku ngingo y'Imana. N'ubwo abandi bovuga iki, canke ivyo ari vyo vyose, ntuhanahaneivyiyumviro na Satani, habe na gato.

81 Hamwe Satani avuze ati: "Noneho, umubatizo wo mu mazi, izina rya 'Data, Mwana…'" Nimba aivyo, aramutse anabikubwiye nk'iciyumviro,c'ubiva i ruhande. Imana yabivuze ukundi. Hamwe avuze ati: "Uri umugabomwiza, si ngombwa yuko uba…uri umugore mwiza, si ngombwa yuko ukora…" Icociyumviro ntucumvirize. Nimba Ijambo ribivuga ukundi, gumana n'Ijambo utitayehoivyo ari vyo. Ako ni ko karorero Yesu yabahaye, kandi ico ni co giterogikomeye, murabona, ico yamugavyeko.

82 Hanyuma, igitero ca kabiri. ndanyarutsa. Bisa nk'aho umwanya uriko ugendaunyaruka cane. Igitero gikomeye cakurikiye ico yamugavyeko, yashaka ko Yiyerekana.

Kandiese ukuntu ivyo bikubita abakozi b'Imana, kwiyerekana, werekana yuko ushoboragukora. "Imana ishimwe! Haleluya! Ndi umutabazi! Ndi iki." Murabona? Murabona?

"Duga hano, hejuru y'urusengero, hanyuma wikororere hasi." Yaramugeragereshejekubikora. Noneho, mwibuke, Yarageragejwe kubikora, bimwe bikomeye. Yavuze ati:"Ubu rero, nimba ushaka kuba ikintu imbere y'abantu, hagarara hano kuri ururusengero, hanyuma uce usimba." Murabona? "Reka ndaguhe Ivyanditswe bibivuga,kuko handitswe ngo: "Yoguhaye Abamarayika bakakurerura, kugira ngo, umwanyawose, ngo ibirenge vyawe vyose gutsitara kw'ibuye. Yoca Ikurerura.'" Kugira ngoamutume Yiyerekana, Yerekana ububasha bwiwe.

Ivyo nta mukozi w'Imana w'ukuri yigeraabikora. Nimwabona umuntu yiyerekana, igikiriza akadundarika, n'ibindi vyose nk'ivyo,mwibuke, aho haba hariho ikitagenda neza. Oya. Imana ntishaka

ivyo. Yesu yaratanzeakarorero. Yari gushobora kubikora. Koko Yari gushobora kubikora, ariko ntavyoYabikoze. Nta mukozi w'Imana yiyerekana, ubwiwe, ngw'agerageze gufata ubushobozibw'Imana hanyuma yiyerekane hejuru y'abandi.

83 Muribuka Mose abikora? Muravyibuka? Imana yari yamuhaye ubushobozi bwo gukoraico yashaka cose; yamugize umuvugishwa. Yaramanutse kuri ca Gitandara, aca agikubitaincuro zibiri. Ivyo vyari binyuranye n'ubugombe bw'Imana.

Imanayamubwiye iti: "Bwira igitandara. Ntiwongere kugikubita. Wononye i—i—ibigereranyovyose ng'aho. Ca Gitandara kizokubitwa rimwe gusa." Ariko yerkanye intege nkez'Ijambo igihe yakora ivyo; yuko ryoba ritari rihagije. Ego. Vyari ibijanye n'Ijambo.Ico Gitandara ryari Ijambo. Murabona?

We, ubwa mbere, yarakubise ico Gitandara maze gitanga amazi. Hanyuma bongerakugira inyota. Iramubwira Iti: "Noneho subira inyuma ubwire ca Gitandara." Carigukubitwa rimwe gusa. Murabona?

"Ijamboridahagije," ivyo ni vyo Mose yashingiye intahe. "Ijambo ntiryari rikwiye;Yategerezwa kwongera gukubitwa."

Mose aca aramanuka, akubita ico Gitandara gurtya, avuga ati:"Sohoka!" Amazi ntiyaza, nuko arongera aragikubita, ati:"Sohoka! Ndagutegetse sohoka." Amazi aca araza.

Imana iramubwiraiti: "Duga hano. Ngwino hano. Wishize hejuru. Wafashe ubushobozi bwanje; aho kunyeza,uba ari we wiyeza. Ubu rero ntuzohonyora mur'ico gihugu. Itegereze hakurya, urabeingene gisa; ariko, hano, uzogenda ukiri hano nyene." Ôo, bagenzi! Ntimurigeramuba nka Mose, murabizi. Oya, oya.

84 Ageze kur'uko kwiyerekana kuri Yesu,yavuze ati: "Hagarara hano hejuru y'urusengero, maze wikorore."

Aramwishura ati: "Handitswe ngo," amen, "'Ntukagerageze Uhoraho Imana yawe.'" Murabona?Yahuje ubwayi n'Ijambo, mur'ivyo, no mu bitero vyose bikomeye.

Nta mukozi nyawe yigera agerageza kwiyerekana, ako—akoresheje ubushobozi bw'Imana.Abikoze, aba aneshejwe mw'ako kanya nyene.

85 Igitero ca gatatu gikomeye, Satani yemeye kumugabira ubu bwami. Yarabikoze. Sataniyavuze ati: "Ubu bwami bw'iyi si urabubona? Ni ubwanje. Ndabukoresha iconshatse cose. Ndabukugabiye."

Ariko,mwibuke, yariko agerageza kumusunikira kubwakira umusaraba utarimwo. IyoAbwakira, twari kuba dutakaye. Yari gushobora kwakira ubwo bwami. Ariko Ategerezwagukurikira i…Ategerezwa kugaruka. Rero Yarageragejwe kubikora. Urupfu ni ikintugikomeye. Yarageragejwe kwirekura no kuba Umwami w'isi, umusaraba utarimwo.Ariko, iyo Abikora, abiwe bari kuba bapfuye. Satani yari guca ahimbarirwa nokuba yahanahanye ico ciyumviro na We. Ariko Yavuze ati: "Mperera inyuma,Satani." Ntiyabikoze.

86 Yaraje arababazwa, ajana inzira y'amarushwa. Yajanye inzira y'uruhamo. Yajanye inziray'urupfu.

Mbeganatwe, muri iki gitondo, turiteguriye gukora, kujana iyo nzira Yajanye? Turiteguriyegupfa? Turiteguriye kwiyegurira Imana, gutakaza ivy'isi vyose n'ibindi, kugira ngotuyikorere? Murabona?

Rero, ntavyoYakoze. Gushaka ku—kubirekura, Satani we ni vyo yashaka kw'Akora. Arikontiyabikoze. N'ubwo Yesu yageragejwe, Yaratuneshereje. Ya—Yarihanganiye amageragezwakubwanje no kubwawe. Murabona? Yari ashoboye kubwakira urya mwanya nyene. Arikokubera iki Yajanye iyindi nzira? Kugira ngo tuzoshobore kuza, turi kumwe na We.Kandi nimba Yararishe ikiguzi nk'ico, burya ntivyoba dutey'isoni tutavyemeye? Aho mwibuke, nta kintu kiri ng'aha, uko vyogenda kwose.

87 Hamwe ubayeho imyaka ijana, uzoherukira gushika he? Mu mutwe, ubwenge bwawe burabaakaheze, ugahetama wese, ugasaza, ukagenda udandabagirana. Aho ni ho urikouragana, kandi iryo ni ryo herezo ryavyo. Nuze kano kanya, uneshe ico kintu. Wobikoraute? Ukoresheje Ijambo. Ivyo Ijambo rivuga, bikore. Genda wicishije bugufi.Baho imbere ya Yesu.

Yarihanganiye vyose kubwawe nanje. Ni We karorero kwacu k'ingene twoneshaurunganwe rwacu rubi, nk'uko na We Yanesheje urunganwe rwiwe rubi.

Mwibuke, igihe Yaza kw'isi, hărihó ukwo kutizera kwinshi, mbere kurenze, kurutaigihe na kimwe. Nta na kimwe kwamutwaye na gatoya. Igihe bamwita idayimoni mu gishingoc'Imana, igihe bamwita ivyo bari bashoboye kuronka vyo kumwita vyose, nta nakimwe vyamutwaye. Yari afise intego imwe: "Kwumvira Data. Kuguma ariUmwizigirwa kw'Ijambo." Ijambo ni Imana. Yari afise iciyumviro kimwe.

88 Rimwe na rimwe turageragezwa gusubira inyuma. Benshi muri mwebwe, barageragezwagusubira mu madini, ngo musubireyo muvyihoze, kubera isi yose ivuga iti: "Uriuwo mw'irihe dini? Ni irihe shengero mwifatanije na ryo?" Turageragezwa gukoraivyo; twese. Bashiki bacu barageragezwa gusubira inyuma, ngo basubire inyuma bifatanyen'abandi bose bo mu mashengero, hamwe na bamwe bo mu Makoraniro,

cankeamashengero y'Imana, canke amwe muri ayo; ngo ugume uri Umupentekote, imishatsiyawe igume imoye, kandi wambare mu buryo bwose ushaka. Murabona? Murageragezwagukora ivyo, gusubira inyuma no kuba rurangiranwa hamwe n'uru runganwe rubitubayemwo.

Mugihe, iki ari co caha gikomeye co mu gihe cacu. Ni icaha gikomeye mu bantubacu, bakunda ivy'isi, nk'uko Bibiliya ibivuga Lawodi-…ni ko igihe caLawodikiya cari kimeze. Cari ic'isi: "Ndatunze, ntaco nkenye; ntumenye ko ugendaamenya, umworo, umugorwa, n'impumyi." Ico ni co caha c'igihe cacu. Iyo mwunviseIjambo ry'Imana risemerera ribirwanya, noneho ugaca ujana iyo yindi nzira,ntukundwa n'isi. Urageragezwa gusubirayo.

89 Ndabizi. Mubandanya mumbwira. Ndazi ko muriko muvuga, muti: "Buri mwanya." Ndaziko mwarambiwe kunyumva ngaruka kuri ibi bintu. Nanje narambiwe no kubabona mubikora,ni vyo, iki ni co caha ndiko ngerageza kubabwira. Muragira muti: "Kubera ikiuguma ubigarukana?" None nimuhagarike kubikore. Ndiko ngerageza kurokoraubuzima bwanyu, nkoresheje Ijambo. Ndarambiwe cane. Rero, nimugendemugororotse. Ico ni icaha, nta kugikora. Ego mushingantahe.

Ni ngombwako tunesha iyo bintu. Vyitezwe ko tugeragezwa na vyo, ivy'isi. Yesu yavuze ati:"Nimwakunda isi, n'ibiri muri yo, gukunda Imana ntikuzoba kuri muri mwebwe."

90 Noneho turarangiza, maze tuvuge ibi: hariho impera ku muneshi.

Reka ndabasomere ikintu kimwe hano. Zingururamuri Bibiliya zanyu. Reka dusubire mu Vyahishuriwe Yohana, igica ca3, igice ca 2. Nimwihwe hano kano kanya, ibi bintu vyose nariko ndavugako, kunesha. Uburero wirabe maze ubone. Niwisuzumire mu cirore co mu buryo bwa mpwemu, urabe nimbawaranesheje.

91 Noneho, ubutumwa bwa mbere, ku—ku mumarayika wa Efeso, ndashaka ko mwumva ivyoYavuze. Rero mu Vyahishuriwe Yohana, igice ca 2, umurongo w' 7. Ibi ni ivy'icogihe c'ishengero, igihe Yababwira ivyo bakoze vyose, "Baretse urukundorwabo rwa mbere." Umurongo wa 7:

Uri n'ugutwi niyumve ico Mpwemu abwira amashengero.Unesha (uwo muntu, atariishengero)…u—unesha nzomuha kurya kuvyamye ku Giti c'Ubugingo kiri muri Paradiso y'Imana.

Murabona?Abaneshi bo muri Efeso.

Rero, igihegikurikira cari Simuruna. Ubu rero,ku baneshi bo muri co, twumve bino. Aka kanya, umurongo wa 11.

Urin'ugutwi niyumve ico Mpwemu abwira amashengero. Unesha nta co urupfu rwa kabiriruzomugira.

Murabona?Barabinesheje.

Ubu na ho ivyo tubirabe kuri Perugamo, turahasanga ivyari bibikiwe umuneshi womuri co, mw'ico gihe. Turasoma umurongo wa 17, ishengero rya Perugamo.

Urin'ugutwi,…

Ivyoni ivy'umuntu ku gatwe kiwe, ata ri umurwi wose. Umuntu ku giti ciwe, Umugeniasohoka, murabona, rya Shengero.

Uri n'ugutwi niyumve ico Mpwemu abwira amashengero.Unesha nzomuha kuri manu yanyegejwe,kandi nzomuha ibuye ryera, kur' iryo buye handitswekw' izina risha, nta muntuarizi, atar' uzorihabwa.

Uwo ni umuneshiwo mur'ico gihe.

92 Ubu na ho, hakurikira Tuwatira. Reka turabe ico umuneshi yaronse mur'ico gihe. Reka dufateumurongo wa 26.

Unesha akitondera ibikorwa vyanje agashitsa kw'iherezo, nzomuha ububasha bwo kuganza amahanga: (uku ni ukuri.)

azoyaragiza inkoni y'icuma, nk'uko bamenagurainzavya z'ibumba; nk'uko nanje nahawe na Data.

Murabona:"Kumwe na We, mu ntebe yiwe y'ubwami." Kristo azotegerezwa kuganza amahanga,ayaganzisha inkoni y'icuma. Kandi ng'iri Ishengero ryanesheje: "Yicaranye na Wemuri iyo ntebe y'ubwami, kugira ngo bamenagure amahanga n'inkoni y'icuma."

Kano kanya reka tubarabe mw'ishengero rya Sarudi. Rero umurongo wa 5 mu gice ca3.

Unesha azokwambikwa artyo impuzu zera, kandisinzosibanganya izina ryiwe mu Gitabu c'Ubugingo na mba, kandi nzokwatura izinaryiwe imbere ya Data, n'imbere y'abamarayika biwe.

Uwo ni umuneshiwo muri Sarudi.

93 Ubu na ho reka dufate umurongo wa 12. Kano kanya iri ni ishengero ry—aryaFiladelufiya, mu murongo wa 12.

Unesha nzomugira inkingi yo mu rusengero rw'Imanayanje, kandi ntazosohoka ukundi, nanje nzomwandikakw' izina ry'Imana yanje,n'iry' umurwa w'Imana yanje, ni wo Yerusalemu musha, wururuka uvuye mw' Ijuruku Mana yanje, kandi nzomwandikakw' Izina ryanje risha.

Nimurabe ivyasezeraniwe umuneshi. Murabona?

Ubu,ubu na ho Lawodikiya, ico ni co gihe ca nyuma. Hazobaho abaneshi bakeya murico. Nimwitegereze hano. Bo, mwibuke, muri gihe c'ishengero, igihe gikurikirakiraragwa ivyahawe ibindi bihe. Nimwihweze hano. Ubu rero hano, ni aho bamariyeguhabwa ubwo bushobozi bwinshi bwose, aya mazina masha, hamwe n'ibindi vyosevyanditse, ivyo Yasezeranye, bakarya kuri Manu yanyegejwe, uhereye keraukw'ibihe vyagiye bikurikirana. Nimwihweze iki gihe c'ishengero rya nyuma,Ivyahishuriwe Yohana 3:21.

Unesha, nzomuha kwicarana nanje mu ntebe yanjey'ubwami, nk'uko nanje nanesheje nkicarana na Data mu ntebe yiwe.

Uri n'ugutwi, niyumve ico Mpwemu abwira amashengero.

Hariho impera ku baneshi. Rwana wicire inzira, shurwe ryo mu biyaya. Nimba birimuri wewe, kumira ku ruhande ivyondo n'ibindi vyose, maze urwane wicire inziragushika userutse hejuru. Egome mushingantahe. "Kwicarana nanje ku nteba yanjey'ubwami."

94 Murazi, igihe kimwe, nyina wa Yakobo na Yohana…Nta mwanya dufise wo kubisoma.Nyina wa Yakobo na Yohana yaraje asaba iki kibanza. Ivyo murabizi? Muravyibuka?"Mwami, uzoreke umuhungu wanje yicare mu ruhande rumwe, uwundi muhungu wanje yicareku rundi ruhande." Ico ni co cipfuzo c'umuvyeyi ku muhungu wiwe.

Arikonimurabe. Ariko, Yesu yavuze ati: "Aho hantu hăteganijwe kuva kera." Ico kibanza nticari bwaboneke mw'icogihe. Kubera iki? Nimurabe. "Hazohabwa abahagenewe." Ni iki? Umwe wo kwicara i buryo,uwundi akamwegera, bategerezwa kubanza kuba abaneshi. Murabona?Vyari bikiri… Yavuze ati: "Ivyo si—si Jewe ndabitanga. Ntabwo nshoborakubitanga, ariko bizotangwa amageragezwa amaze kuza." Amen. Murabona? "Ivyo sinshoborakubitanga. Ariko ibigeragezo bimaze kuza, bazokwicara i buryo n'i bumoso.Hariho urubuto rwateganijwe kuva kera rurindiririye hakurya kubw'ivyo.Bizohabwa abo vyasezeraniwe. Bizotangwa aho, ariko igipimo ntikiragera; uyo,ntaranesha." Murabona?

95 Umuntu yategerezwa gufata ico kibanza co ku ruhande rumwe, uwundi agafata ikibanza ku rundi ruhande,i ruhande yiwe mu Bwami, ntivyari bwatangwe, murabona, ntiyari bwabe umuneshi. Ikigeragezo nticari bwaze. "Kizoza mu gihe kiriimbere."

"Nimbatubabarana na Kristo n'Ijambo ryiwe, tuzaganzanya na We, kuko We ni Ijambo." Mwibuke:"Nimba tubabazwa kubw'Ijambo ryiwe, tuzaganzanya na We, mw'Ijambo ryiwe."

Nimurabe. We, Karorero kacu, Yaranesheje, hanyuma aduga mw'Ijuru, amaze kuneshaurupfu, kuzimu, indwara, imva. Vyose Yarabinesheje. "Hanyuma Araduga, abohoraimbohe, agabira abantu ingabire." Iryo ryari Isezerano rya Kera, hamwe n'aberabo mw'Isezerano rya Kera bari baranesheje. Bari barindiriye uwo Muntu, mazebapfa atarashika. Ariko igihe Uyu Muntu yaza: "Abari basinziriyentibatanzwe." Amen. Ntushobora gutakaza, n'ubwo vyogenda gute. Kubaho cankegupfa, bitandukaniye he? "Ntituzotangwa." Murabona? Bari babirindiriye.

96 Mbere na Yobu wo hiyo kera, yari abirindiriye. Yavuze ati: "Ndazi Umucunguziwanje ari muzima, kandi mu minsi y'iherezo azohagarara kw'isi." Uwo yari umuntuagororotse, umuntu atunganye. Yaratanga ibimazi. Yarakora ivyo Imana yamubwiragukora vyose. Yabikorana igitinyiro n'ukwubaha. Yari umuvugishwa. HanyumaSatani aregereza, kugira ngo amugerageze. (Nk'uko namwe ahora aza kubagerageza.)Yakoze iki? Yagumye ahaze yemye ng'aho.

Wanashakan'umugore wiwe yaraje, amubiwra ati: "Kuki utavuma Imana ngo uhez'upfe uhwere? Urateye akagongwe aho wicaye ng'aho."

Aramwishura ati: "Uvuze nk'umugore w'ikijuju." Aha, ntiyigeze avuga yariikijuju, ariko ko yar'avuze nka we. Murabona? Yavuze ati: "Uvuze nk'umugore w'ikijuju."Yavuze ati: "Uhoraho yaratanze, Uhoraho arisubije; hahezagiwe Izina ry'Uhoraho."Yaranesheje.

97 Yaranesheje ivyo ababanyi băvuga. Yaranesheje ivy'abayoboke b'ishengero bose, Biludadina ba bandi bose, băvuga. Yaranesheje musenyeri n'ivyo yavuga. Yaraneshejeumukaridinari n'ivyo yavuga. Yaranesheje rirya dini, ivyo băvuga. Kandiyagumanye n'ugutsindanishirizwa kw'Ijambo. Amen. N'ubwo

vyamutwaye ibintu vyoseyari afise, mbere n'abana biwe. Yiyagaza ibihere akoresheje urujo, yicaye kurirwo, yamara yaranesheje. Kandi igihe isaha ihambaye y'amageragezwa yarangira,ibicu vyaciye bisubira inyuma.

98 Yaritegereje ikintu cose cumvikana. Yavuze ati: "Hariho ivyizigiro ku giti iyo gipfuye;kirongera kikabaho. Kandi imbuto iguye mw'ivu, irabora; ikongera kubaho. Arikoumuntu araryama akaja mu muzimu; akagenda mazimayongo. Abana biwe bakaza,abahungu biwe, kugira ngo bamwubahe kandi bamugandarire; we ntavyo amenya. Ntasubirakugaruka ukundi. Ôo, ivyiwe n'uko. Ikibazo ni ikihe? Nanje ndi urubuto. Ndiikintu kanaka, na co ni urubuto, kandi nzoja mw'ivu. Sinshobora kwongerakugaruka ukundi. Nzoryama aho. Ôo, mpisha mu mva, ngumiza ahantu hihishijekugeza uburake bwawe bushize. Ngerera igihe maze uncire urubanza. Nk'ukoibitandara bikamangana, amazi agakuraho ibuye."Ôo, yarabandanije, avuga ivyo vyose. Yarashobora kubona ubwo burorero bwose ahohanze, ico bwari co. Ôo, ntiyashobora gushika aho abitahura.

99 None, Mushiki wacu Rogers, uribuka igihe navuga ubutumwa ku maziko ya Busty. Murabona?

Ni gute, ukuntu "ibuye ryovuyeho gurtyo," ingene ibi bintu bigenda. "Ôo,Ô wewe, mpisha mu mva, ungumize ahantu h'ibanga." Yabandanije yicira inzira. Yavuzeati: "Icompa nkabimenya. Icompa nkamenya aho nshobora kuja, ku Muntu yoshobora kunshirakoikiganza, umuntu w'umunyavyaha, n'Imana yera, maze tukavugana." Ôo, bagenzi! "Arabaho.Ndazi ko Ariho. Hariho Umuntu kanaka Hariya ashobora gukora ivyo. Hariho Umuntukanaka ahantu kanaka. Uwo Muntu nomukura hehe? Nomuronka he? Noca ndamutsa kurugi maze nkamuvugisha. Ese hobaho Umuntu yoshobora kumpuza n'Imana, a—agashirahoigitarurwa, tukavugana! Ese hamwe gusa noshobora kuronka uwo Muntu! Ôo, ari he?"

100 Yararondeye mw'ishengero ryiwe. Yari yararondeye mw'idini ryiwe. Ntiyashoborakuronka Umuntu nk'uyo.

Bukwi na bukwi, ibicu bisubira inyuma, abona uwo Muntu aje. Ôo! Umutima wiweushaje uterwa n'umunezero. Hanyuma ikintu kanaka kirashika. "Ndazi koUmucunguzi wanje ari muzima. Hariho Umuntu nk'uyo." Amen. Haracariho Umuntunk'uyo. "Ndazi ko Umucunguzi wanje ari muzima. Kandi n'ubwo inyo zo mu mubirizizoba zaramaze gusangangura uyu mubiri, yamara nzobona Imana ndi mu mubiriwanje, iyo nzoyibonera ubwanje. Izohagarara kw'isi mu gihe c'iherezo."

101 Muri ca gitondo ca Pasika, ighe Yazuka hariya, umubiri wa Yobu n'ubwo warink'akayiko k'umunyota, yari arindiriye. Yari wa Murwi w'abatoranijwe. Yarazutseava mu mva yinjira mu gisagara, hamwe na Aburahamu, Isaka, Yakobo, Yobu. Ôo, bagenzi!Amen. Kubera ko, bari barindiriye Umuntu nk'uyo.

"Kandi abarindiriye Kristo ubugira kabiri," abashobora kunesha ibintu vyo muriiyi si, kubw'ubuntu bwayo, bakinjira muri We, kandi ugakura amaso ku kindikintu cose kitari We n'Ijambo ryiwe, "Azoseruka ubwa Kabiri mu Bwiza."

"Kukoinzamba y'Imana izovuga, maze abapfiriye muri Kristo bazozuka; maze nabweabazoba bakiriho dusigaye tuzohindurwa, mu kanya gato, mu kanya nk'ako gukubitaurugohe, duce duteruranwa na bo kumusanganira mu kirere."

102 Naba ndi akayiko k'umunyota, canke nimba nzoba nkiriho niyagaruka, ntaco bihindurakuri jewe. Amen. Ntaco bitwaye, kuko naracakiye iryo yerekwa. Igihuzucarakingutse, none ndamubona. Umuntu ashobora guhagarara, akanshirakw' ikiganzaciwe, jewe umuntu w'umunyavyaha, akampuza n'Imana yera. Ni We mpongano yanje.Ni We Jambo mpagarariye. "Ubwa mbere na mbere Jambo yariho." Ni We ari iryoJambo, kandi aranserukira, Hariya. Amen. Kandi nzobisemerera, igihe cose nzoba ngihumeka:"Ni We kuzuka kwanje n'Ubugingo bwanje." Kandiahandi hose ni umusenyi unyika. Ahandi hose ni umusenyi unyika.

103 Nk'uko Yazamuyeabari babirindiriye, ni ko Azoza kuri buri mutagatifu wo mw'Isezerano Rishasha yaneshejeburi gucokorwa kw'ikidini, uwo yatsinze ivyaha vyose bigezweho muri iki gihe, vyomuri iki gihe tubayemwo, nk'uko Yabigize ku bindi bihe vy'amashengero yose, abaneshejemur'ico gihe c'ishengero. Abanesheje iki? "'Ndi umukire. Ntaco nkeneye. Mfise…Ôo,ndi ibi vyose n'ibi vyose. Kandi ndi Umugeni. Ndi uyu. Ntaco nkenye.''Kandi ntumenye ko ugenda amenya, impumyi."

Murabona ico gihe c'uruhendo navuze? Ntabwo ari nka bo baciwe imitwe, hiyo kera,kugira ngo baronke akabuye kera; atari bamwe bishwe bahowe ukwizera, bagaturirirwaku biti, n'ibindi nk'ivyo; uwatsindiye ikamba. Ariko ni iki gihe c'uruhendo canone, aba biyumvira yuko bari vyose. "Emwe, ndi umunywanyi w'ishengero. Ndiumugabo mwiza. Ndi umugore mwiza. Nkora ibi.Si ngombwa yuko nkora ibi."

104 "Ariko unesha," uwuzonesha ibi bintu vyosevy'isi muri iki gihe, bazokora iki? Bose bazokwicarana hamwe na We mu ntebe yiwey'ubwami; bazogenda mw'Izamurwa igihe azozira. Ôo, bagenzi! None mw'ico gihenorazwa ishinga n'iki? Ni igiki cotuma turazwa ishinga n'ivy'ab'isi bavuga? Kukotworazwa ishinga n'ivyo uwundi muntu avuga? Umwe Mpwemu Yera ahambaye ari hagatiyacu. Inkingi yiwe y'Umuriro ni yo ituyobora ikongera ikaturōngōra. Ijambo ryiweriremejwe imbere yacu. Urukundo rwiwe ruri mu mitima

yacu. Isi yasigaye inyuma.Twavuye mu rupfu tuja mu Bugingo. Isi yibaza ko muri abasazi.

ArikoYesu atwara uyu musaraba wenyene,

Abandiataco batwaye?

Umwumwearafise uwiwe,

Nanjendafise uwanje.

Imyaka mirongo itatu n'itatu ku rubuga, kandi uyu musaraba mweranda nzowikoreragushits'aho nzopfira.

Reka Bene Data banje bante, bavuge ivyo bashaka vyose, bantere akagere. Arikokuri iri Jambo ni ho mpahagaze, kandi ni kur'Iri ryonyine.

Nzikorer'umusarabamweranda,

Gushits'ahonzopfira,

Hanyumanigire Muhira mw'Izamurwa,

Nambareigitsibo.

Ibi ni vyotwese dushaka, si ko? [Ikoranirorivuze riti : "Amen." —Umw.] Ni vyo dushaka. Ni vyo—ni vyo vyizigiro vyacun'ukwinginga kwacu. Nta bindi vyiyumviro dufiae, atari ca kindi kimwe coguhanga amaso Yesu Kristo. Kandi ku kugororoka kwiwe kwonyene ni ho duhagaze, kandiukugororoka kwiwe mw'Ijambo ryiwe. "Kandi Jambo yigize umubiri, abana natwe."Kandi Ijambo na none ni ryo ryigaragazwa ubwaryo.

105 Unesha gute? Mu gufata Ijambo, isezerano, mu kwicisha bugufi, mu kugendawicishije bugufi.

Nzikorer'umusarabamweranda,

Gushits'ahonzopfira,

HanyumaMuhira nzambra igitsibo.

Kubera: "Ya Nzamba niyavuga!" Urashobora kunshingura mu kiyaga, ariko iyoNzamba izonkangura. Ni ukuri. Nzigira i Muhira, umunsi umwe. Amen. Mu kurindiraico gihe, nzokwana, amen, nikoreye uyu musaraba; ntahanze amaso abantu, arikondayahanze Gologota hariya hakurya, kuko Yambereye akarorero. Yarerekanyeuburyo bwo kubikora. Kandi akarorero kiwe, turanezererewe kugakurikira, ukobukeye uko bwije.

NzokurikiraYesu mu ntambuko yose y'urugendo.

NzokurikiraYesu mu ntambuko yose y'urugendo.

106 Mbega ivyo ntimubikunda? Ôo, ukuntu niyumvira, kumukurikira, umunsi ku wundi, muntambuko yose y'urugendo. Reka dusenge.

Mwami Yesu, ubu ni isaha n'iminota cumi n'itanu, mpagaze hano, ngeragezagufata Ijambo ryawe nsobanurira abantu uburyo bwo kunesha. Waratubwiye ingenebikorwa. Ntiwabaye bubitubwire gusa, ahubwo Warerekanye ingene bikorwa. Waráturôngōye.Waratweretse ingene twobigenza: kwakira Ijambo imbere muri twebwe, hanyumatukamenya neza ko twumiye kuri iryo Jambo, "Handitswe ngo," mu mageragezwayose; ariko tukicisha bugufi, tukagenda twicishije bugufi. Noneho twaranesheke biciyemuri Wewe, kubw'ubushobozi bwawe bwamaze kunesha umwansi wacu. Rero ikintukimwe gusa dutegerezwa gukora ni—ni kugenda twicishije bugufi gusa, dufise ukwizera,twizera Ivyo, n'agakarata kacu kerekana Mpwemu Yera, kandi Satani ategerezwakugenda.

Hano hariho udutambara tuharambitse. Duserukiraabarwaye. Barafise ivyo bakeneye, Mwami. Kandi barasomye muri iri Jambo ritananirwaaho bafashe udutambara twakoze ku mubiri w'Umweranda Paulo hamwe n'imishwaro.Barabishira ku barwaye. Impwemu zihumanye zarabavamwo, kandi ibitangazabikomeye vyarakoreka. None rero, Uri Uwo Mwami Yesu nyene n'uyu munsi.

107 Paulo yarigishije iri Jambo, yandika iri Jambo, rya Jambo nyene turikotugerageza gukurikira. Kubera, yarafashe Isezerano rya Kera ararigereranya, mazearerekana yuko ryari igitutu, yuko Isezerano rya Kera ryose ryari igitutu gitunganyeca Rishasha. Ô Mwami, reka twigane ako karorero.

Turabona Umwami wacu, ivyo Yakoze. Kandi turatahura yuko, abo bera bo mw'Isezeranorya Kera, muri iki gitondo, turabona yuko bagiye. Yesu amaze kuzuka, bajana naWe. Kandi, Mwami, turizera ko tuzogenda niyavuza ya Nzamba. Turavyizera, yukoUmugeni azokwigira kw'uyo munsi maze yifatanye na—na wa Murwi w'Abaheburayobamugize, maze bahurire hamwe, hazoca habaho Amazimano y'Ubukwe mu

Bwiza. Abobararindiriye.

Aka kanya turasavye imbabazi zawe n'ubuntukuri twebwe. Abaneshi, ga Mwami, abaneshi, turipfuza cane kuba bo. Tuneshereze.Mwami Yesu, Waranesheje isi. None ndagusavye ngo Ureke abantu bose bari hano,muri iki gitondo: "Dushire ivyaha vyose ku ruhande, n'umutwaroutwizingirako vyoroshe, kugira ngo dushobore gusiganwa twihanganye mw'ihiganwaryadushizwe imbere."

Paulo yavuze ibi, Data wacu wo mw'Ijuru, hariya mu Gitabu c'Abaheburayo, ngo:"Dutegerezwa gushira ku ruhande umutwaro wose," ico gice ca 12, ni hoyabivuze, amaze kwerekana akarorero, hariya: ababandanije; abatabandanije;abakurikiye ari akazuyazi; abakurikiye bakaja imbere mu rugamba; abasigayeinyuma. Bose, yaberekanye mu burorero. Hanyuma arahindukira, avuga ati:"Reka dushire ku ruhande umutwaro wose, utuntu twose dutoduto tutwizingirako,kugira ngo dushobore gusiganwa twihanganye mw'isiganwa ryadushizwe imbere; duhanzeamaso We, Inyanduruko n'Uwuzosozera ukwizera kwacu, Umwe Yatubereye akarorero."Turabikora muri iki gitondo, Data.

108 Kano kanya, imitwe yacu yunamye, noneho suzuma witonze vy'ukuri, vya nyavyo, witonzevy'ukuri. Hanyuma na none, ube imvugakuri mu mutima mu buryo bwimbitse. Bisa—bisabagusa…Ivyo ni vyo bisaba gusa: ugusuzuma kwawe n'ukuba imvugakuri kwawe. Witondevy'ukuri mu gihe uriko urasuzuma kano kanya. "Nsesa, Mwami. Ngerageza. Harihoikibi muri jewe? Nimba kiriho, Mwami, reka ndagishire hasi, ubu nyene. Ahahantu, aho nunamye, ni ku gicaniro cawe. Ndakirambitse, hano nyene, ndagihonyojekoibirenge vyanje. Ninagenda, kiza gusigara ng'aha. Ubushobozi bw'amaraso yawe burazakugitongora. Nshaka kuba umuneshi. Ndafise ikintu kimbangamiye, Mwami. Nshaka kunesha,kano gatondo. Ndabishoboye, nshobojwe nawe. Nabibwiwe biciye mw'Ijambo ryawe.Ndabishize ubu nyene, Mwami, kandi ndabihonyojekw'ibirenge. Ninasohoka muri iyinyubako muri iki gitondo, ngiye, nzoba nzi yuko vyatawe mu combo c'amazi yajevali y'Imana. Ntibizokwongera kwibukwa ukundi. Kano kanya ndavyatura maze nsabeimbabazi."

Imitwe yacu yunamitse, amaso yacu ahumirije; imitima yacu iriko irazirikana, uwoni wo muryângo w'umushaha, murabizi. Mbega hoba hariho ikintu ushaka gushira kuruhande muri iki gitondo, ikintu ushaka kunesha? Kandi wagerageje cane, ariko, kanogatondo, ugiye kureka kugerageza. Ugiye kwemera gusa ivyo Yakoze. Ndashaka ko ukirizaukuboko kwawe gusa, uvuge uti: "Mwami, nshaka kunesha. Hariho ikintu kanakakimbangamiye."

109 Mwami Yesu, Urabona ayo maboko. Kano kanya, nk'umusavyi wawe, mpagaze hagatiy'abazima n'abapfuye, ndaciriyekw'iteka ibintu vyose bibangamiye aba bantu hamwena jewe ubwanje. Kandi ndabisavye mw'Izina rya Yesu Kristo, turashobora kubisigabirambitse hano ku gicaniro c'Imana, tukagenda muri iki gitondo, twidegemvya, nk'abaneshi.

Nimba Bashiki bacu bataronse ubuntu imbere y'aha, reka ubu babuhabwe, Mwami. NimbaBene Data bacu bataronse ubuntu, reka babuhabwe kano kanya. Kandi reka, mukwicisha bugufi, umuvyeyi hamwe n'abana biwe, aho kuba abikakisha; arazi ko yicaye…Niumuvugabutumwa kuri bo bana bato. Ubuzima bwiwe ni akarorero. Papa ni akarorerokuri mama, kuko ari we mutwe w'urugo. Umumama yagerageje kumutegeka; ntazokwigereasubira abikora ukundi. Nimba yahora akoresha uwo mumama nk'igikoropesho,ntibizongera gukorwa ukundi. Ni umufasha wiwe. Bikore Mwami. Reka ibi bintu vyosebitubereye intambamyi, Mwami, bikurweho.

110 Tu—turishikanye ubwacu Data, kubera igihe c'ubuzima dusigaranye imbere yacu,tuzi ibi, yuko dutegerezwa kuzoshika kw'iherezo ryabwo, kandi atari kera.Noneho, kano gatondo, dufashe kano kanyo, inyuma y'ubu Butumwa. Dufashe kanokaryo, Mwami, ko kuza, kuko dusabwe kuza. "Muyiremeke imyitwarariko yanyu, kukoIbitayeho." Ndazi ko Utwitayeho, Mwami. Waratwitayeho bihagije ku buryo Udupfira.Natwe turashobora kwitaho bihagije ku buryo tuza tukemere ivyo Wapfiriye.

Utwezeze, Mwami. Twuzuze gusasha Mpwemu Yera. Reka Mpwemu Yera aganze gusa mu mitimayacu, bimwe bihebuje, kugira ngo tuzogende, twibagire ivyo muri kahise, ivyondon'urushanga twahoze tubamwo. Tubandanye twihuta tugana kw'iherezo ry'umuhamagarowo kuja mw'Ijuru aho Umuco wacu ushobora mu bwiyoroshi n'uguca bugufi, ku buryoabarengana bose bashobora kuvuga bati: "Hariho Umukristo aba kw'uriya musozi. Uwomuntu, urya mugore, urya mugabo, ni ishurwe ry'ukuri ryishikanye ry'Imana. Bariyorohejecane kandi ni abagwaneza, bahora bakundanye kandi biyoroheje, kandi batahurana."Bikore, Data. Reka tube umunyu, ku buryo isi inyoterwa; bikore, Data; mazetuneshe ivy'iyi si, hamwe n'imyitwarariko y'ubu buzima. Mw'Izina rya YesuKristo. Amen.

Ndashobora…

Kanokanya reka dukirize amaboko.

…Umukiza…

Ahamagaraiki? "Duga, uve mu vyondo." Ubuzima bwo hejuru; Ikintu kanaka kiri muri wewe, kigukwegamw'ubwo buryo. Ni iki? Ni We. Hasi mu vyondo, amashurwe mato; murafise Ubuzima

ng'aho,buriko burabasunika. Ico ni co kiriko kirahamagara giti: "Duga, uve muw'ivyo vyondo."

"…Nkurikira,nkurikira…"

111 Kano kanya, ni vyo ushaka kwerekana koko?Noneho humirize.

Ahoanyobora nzomukurikira,

Kanokanya niwitange. Kora ivyo, kano kanya.

Ahoanyobora nzomukurikira,

Ahoanyobora nzomukurikira,

Nzojanana We, naje hamwe na We, mu rugendo rwose.

Aho anyobora nzo…

Muburyo bwiyoroheje kano kanya. Mwibuke, nimwishikane ng'aho.

…Anyobora…

"Nditangahano, Mwami. Ngiye kugukurikira, guhera ubu. Ndavyemeye. Ndavyizera."

Ahoanyobora…

Mwibuke,ubuzima bwawe buzoshinga intahe kurusha umunwa wawe kure n'iyo. Ivyo ubaho bizogaragariraabantu kuruta ivyo uvuga.

Nzojanana We, hamwe na We, (mu rugendo… Hehe?) mu rugendo rwose.

Nimwishikane gusa, vyimbitse, mubikuye ku mutima, imitima yanyu wose. Vyogendabite hamwe aha bwoba ari bwo bwa nyuma wemerewe gusenga? Vyonaba vyo. Ndizerako atari ko biri. Vyoba vyo. None rero, menya neza kano kanya, neza vy'ukuri, nezavy'ukuri. Mwibuke, umuryango uzokwugarwa, umunsi umwe, aho vyose bizoba birangiye."Musabe, muzohabwa."

Nimwiyumvire gusa icubahiro Yabahaye, ivyoYakoze vyose. "Ndizeye, Mwami. Ndizeye. Ndizeye ko ari Wewe Muneshi wanje.Ndagendana nawe gusa, Mwami. Nshaka kuguma hafi yawe, aho Uri, ni ho nshakakuba."

112 Kandi mwibuke, Watubwiye, Data, ko: "Tuzohorana n'Umwami ibihe vyose, nitwazamurwa."Gushika ubu dufise ukumurabukwa, mu gihe agendana natwe ubu. Ariko rero igihetuzo…Mbega ikintu gikomeye, kumenya gusa yuko ari ha—hagati yacu! Bizoba bimezegute igihe tuzobana na We ubuziraherezo? Turakunda cane ibikorwa vyacu vyose: turashoboragusohoka tukagendesha ifarasi; turashobora kuja gusuma; turashobora kujaguhiga, kuroba, canke ikindi kintu cose dushobora gukora tunezererewe. Ariko,yewe, iyo urusengero rwuguruye imiryango, tuba dushaka guhura n'Umwami wacu. Iconi co gihambaye gusumba ibindi vyose. Noneho, nimwiyumvire, Yaradusezeraniye. "Mazetubane n'Umwami ibihe vyose. Twicarane hamwe na We mu ntebe yiwe y'ubwami, mazetubane na We ubuziraherezo." Ô Mana, turavyemeye duciye bugufi, hamwe—hamwe n'imitweyacu yunamitse, turavyemeye, Mwami, mw'Izina rya Yesu Kristo.

113 Kano kanya mwurumva mushobora kureka vyose, umutwaro wose? Murashobora kugenderahejuru, hejuru yavyo kano kanya? Nimba mubishoboye, kiriza ukuboko kwawe, uvugeuti: "Kubw'ubuntu bw'Imana ndashize iki kigeragezo hasi. Sinkikirwanijeukundi. Ngiye gufata ukuboko kwiwe gusa, ntangure kugenda."

"Nararwanye, Mwene Data Branham. Narageragejekureka itabi. Na—nagerageje kureka umushatsi wanje ukure. Naragerageje gukora ibi. Narakoze…Naragerageje cane, MweneData Branham. Ntavyo nshoboye."

Ntusubirekugerageza ukundi. Nufate ukuboko kwiwe gusa, uvuge uti: "Data, shira ikiganzacanje mu cawe." Murabona? "Ngiye kuguha ikiganza canje gusa. Ngiye kugenda,Mwami, ndaguhanze amaso." Bizoshika. Azokwambika nk'Umukristo w'ukuri. Uzoba Umukristonyawe.

Gushika nsubiye kubabona, kw'uyu mugoroba, Imana irabakunda kandi ibane namwe.Muri bana banje b'Ubutumwa Bwiza. Muri abacunguwe.

Kanokanya ndabasubije umwungere wanyu, kugira ngo abacure, Mwene Data Neville…?…

MESSAGE hub online
www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7